# Igihe C'Ishengero Rya Efeso

Jeffersonville, Indiana, USA

05 Kigarama 1960

1 Umwami abahezagire.

Aha hobahariho umushoferi w'imodoka yo mu bwoko bwa Doje, iheruka gusohoka nomero zapalake wx-2129, ihagaze harya hakurya y'ibarabara? Amatara yayo yagumye yaka.Uwo mushoferi ni yaba ari ngaha, yosohoka akazimya amatara yayo. Ihagaze nezana neza ku ruhande rw'i bubamfukw'ibarabara ry'umunani. Ndibaza yuko ari nomero za palake zo muri «NewAlbanny», wx-2129. Imodoka itukura yo mu bwoko bwa doje iheruka gusohoka yo mumyaka ya 59 na 60, ibintu nk'ivyo. Sinzi yuko ari iy'uwo ngaha canke uw'ahandi.Ni vyiza cane, biragiye mu buryo. Gurtyo biratunganye. Sinovuga ko abagorebonyene ari bo bavyibagira, kuko ivyo nanje biranshikira!

2 Kuriuno mugoroba, ni vyiza kwongera kuba mu gikorane no kumara umwanya dufatanirizahamwe mw'Ijambo ry'Imana. Ivyo ntibibanezereje? [Ikoraniro ryishuye riti "Amen!" —Umw.] Oh, ni vyo, vyukuri tugeze mu bihe vyiza, vyiza cane! Ubu na ho,turizigiye ko Imana ija kudufasha tukabandanya.

Mwene Data yaje gushiraho ikibaho ariko kirihasi cane ntigishika hejuru. Ejo, nzogerageza kucegeza hejuru. Hari ibintubimwe bimwe nipfuza gucapa nkeneye kubasigurira, nkeneye kumenya neza yukomubitahura neza.

3 Ejo ku mugoroba, ka gakobwa kanje Sarakarakoze ikintu ciza. Twe na nyina twariko turaba agapapuro kama kandikakoimirongo ntanga. Kandi yose yariko : Yesaya, Matayo, yose. Kandi mu mperay'urupapuro, hari handitse ngo : «Imva nta ntsinzi igifise, kandi uruboyirw'urupfu rwarakuweho» - Gafise nk'imyaka indwi! Aho kwandika «uguhishurirwa»,yanditse «Igitabo c'ihindagurika»[ Kubera ko aya majambo abiri yegeranye munyandiko, aka kana, aho kwandika «Révélation» bisigura «Ivyahishuwe», kanditse«Révolution» gisigura «ihindagurika ry'ibintu-U»][Ishengero riciye ritwengacane_U].Ivyo vyerekana ko bavyitayeho kandi bagerageza kugira ico babitahuyemwo,si vyo? Ndibaza ko agakobwa ka mweneData Collins kicaye hariya inyuma. Mwene Data Neville yambwiye ko kanditse ngo:«Umusi w'ihindagurika» Barabihurizako. Ndibaza ko twese dukwiye gukora ivyo.

4 Burya rero vyukuri turi mu bihe vyiza cane! Umwami ariko araduhezagira.

Mu gitondo, nkiva gutwaraabana kw'ishure naciye nja kwigira mu cumba kimwe, kandi ntihaciye umwanyamunini mvuyeyo; nagize ibihe vyiza cane. Ejo ku kagoroba na ho nyene nahejejekwiga ntevye.

Nk'isaha umunani n'igice z'ijoro, hariabantu baje bava mu buraruko maze baramvyura kugira dusengere agakobwa kagiragapfe. Sinkekeranya ko Umwami aza kumukiza. Ni ho bari bagishika bavuye iBelford, muri Indiana, bazanywe no gusaba ko ako gakobwa gasengerwa. Abagabobabiri bari mu gikorane ejo ku mugoroba bafashe urugendo gushika hariya ruguru,hanyuma bagarukana iyo nzira nyene bamanuka, hanyuma bongera gufata iyo nzirabasubira inyuma, bishoboka ko bagendeye mu modokari ijoro ryose. Kumenya kohariho abantu bafise ukwizigira nk'ukwo bakongera bakizera Imana, birafasha.

5 Oh, igihe turimwo ni igihe ciza. Kandi ubu,hamwe n'ibi bihe vy'ishengero, turorereye guhabwa ibirushirije.

Burimugoroba, tuzogerageza gutangura hakiri kare, kugira mushobore gusohoka hakirikare. None ivyo birabanezereye? Kandi ivyo bizotuma abategerezwa kuja ku kazibataha i wabo. Ejo ku mugoroba, twasohotse nka satatu n'iminota itanu cankecumi; uko biri kwose, ni yo saha naherejeko. Turanezerewe n'abo bakozi bosebatugendeye kuri uno mugoroba. Ndabona mwene Data Junior Jackson, mwene DataCarpenter, na mwene Data wo wo muri iri shengero, n'abandi benshi bari ahaimbere, hamwe na hariya mw'ishengero.

6 Bambwiye uno musi ko mu gikorane c'ejo kumugoroba harimwo abagenzi nkunda cane, abo twajanye ngiye kuvuga ubutumwahanze, mwene Data Andrew n'umugore wiwe, bagarutse bavuye mu Bushinwa hagati nahagati. Mbega ibihe vyiza twamaranye muri Jamaïque, umwaka ushize! Twagizeibihe vyiza, narara i wabo. Sinzi ko mwene Data Andrew n'umugore wiwe baringaha kuri uno mugoroba mu gikorane. Ego, ndababona bicaye hariya inyuma. MweneData Andrew n'umugore wawe, nifuza ko mwohaguruka akanya gato, Umwamiabahezagire! Mwene Data Andrew n'umugore wawe, turanezerejwe cane no kubabona!Mu mwaka uheze, igihe nari hariya nari nabatumiye ngo baze.

7 Sindabivuzekubera bari aha (nari kuvuga vyinshi, ariko sinobivuga muri kano kanya), arikonobita abamisiyonari. Namba ejo ku mugoroba ari ho bazoba bari muze mubaheakanya bavugire ngaha imbere; imbere y'uko dushika. Nkeneye ko mutahura vyukuriico ari co igikorwa c'ugukwiragiza Ubutumwa, mu gihe baja kure mu gihugu kugezan'aho ata co baba bagifise. Ndibaza ko bamaze imyaka myinshi ari yo bari, kandimuri ico gihe cose, ntibigeze babona imodokari canke igariyamoshi. Kandi uburyomushiki wacu yabakorera umukate akoresheje... ese ukuntu biyungunganije! Ng'aboabamisiyonari nyakuri! Mwene Data Andrew yarafise urushinge n'urunyuzi, kandi yariumuganga, yashona abakomeretse. Ndibaza yuko iyo abana bavutse, umugore wiwenta nkeka yakora igikorwa c'umwakirizi, mwene Data Andrew na we

agakoraigikorwa c'ubuganga. Bari bafitiye akamaro kanini abantu bo muri ico gihugu.

8 Mu nyuma, imisiyoni y'abapentekote yo muBwongereza yavuze ko bashaje cane ku buryo badashoboye gusubira kujagukwiragiza ubutumwa(ngira ndababwire ukuntu ari abamisiyonari; si abantubaguma bidibamiye!) Baciye basubira muri Jamaïque ku mafaranga yabo aho ubu ariabamisiyonari. Twe na mwene Data Sothman twaragiriwe amahirwe yo kujakubaramutsa i wabo; ese ubugwaneza batweretse! Ni abantu bakundana nk'ukoabakristo bakwiye gukundana. Ndababwiye ivyo kuko notuma ndabaha agashurwegatoya ubu hako ndabashirako urugori rw'amashurwe bapfuye! Ndababwire, ng'aboAbakristo b'ukuri! Kandi narabwiye umugore wanje yuko umugore wa Andrew yariumwe mu bakristo b'abagwaneza kandi b'igikundiro babaho. Uko ameze niikigereranyo ca Kristo, nk'uko biri mbere no kuri mwene Data Andrew. Gurtyorero, nimwaba mwababonye igihe bahaguruka, noshima yuko iri shengero ryoseryobaramutsa, kandi rikabumva bavuga imbere y'uko bagenda.

9 Ejo, Imana ibikunze, tuzotangura igihe cakabiri c'Ishengero. Kuri uno mugoroba, duhereye ku gihe ca mbere c'ishengero.Ndazi ntakekeranya ko Umwami atubikiye umugisha.

Nk'ukonamaze kubivuga, nimwibuke rimwe na rimwe ibi bintu dushobora kutabihurizako,mu bijanye na Tewolojiya. Menshi mu matariki nayakuye mu bahinga b'ivya kahisebemewe ataho begamiye, bavuga ibintu uko vyoba biri kwose, ivyo amashengeroyakoze. Ariko rero, mu vyerekeye igice c'insobanuro y'ivy'Imana, ngeragezakugihuza na vyo jewe nyene uko nshoboye kwose. Kandi bishitse ngo mvuge nkaze,nkoresha ijwi ryo gutegeka, sindabikora n'ibigirankana. Mwese murabizi, abanzi,sindabikora n'ibigira nkana. Mugabo nkeneye gushimikira ku kintu kanaka... nink'uko noba ndiko ndashimangira umusumari mu rubaho; nimwawukubita gusa bukebuke, ntuzoguma. Mutegerezwa kuwushimangira gushika ku mutwe maze mukawugonda,kugira ngo ugume. Ivyo ni vyo ngerageza gukora. Si ukuvuga rero yuko ngombakudahuza n'uwo ari we wese, ariko ngerageza kubwira amadini yose.

10 Nama nabivuze: ni nk'ugushira ibimenyetsoku bitungwa. Ndavyibuka, haciye imyaka myinshi bibaye, nari mw'ikoraniroryabaye mu gihe c'agatasi. Batwara ibitungwa mw'ishamba, kandi nafashakubitwara gushika ahantu bita urugogwe rwo kurobanuriramwo, bazizana mu vyanyavy'ishirahamwe Herford? Ahitwa Troublesome River Valley. Ni ho nari ndi,ukuguru gushimikiye ku mpera y'amatandiko, ndaba umwungere yariko aracungeraibitungwa biriko birarobanurwa.

Iyo mufashe itongo rya Reta, mutegerezwakuba mushoboye kwimbura itoni imwe y'ubwatsi ku nka imwe imwe yose mugombakworora. Kandi iyororero ryose uko ryimbura ivyatsi vyinshi, ni ko rishoborakuronka ibitungwa vyinshi.

11 Inkarero zaraca mu rugogwe, imwe yose iriko ikimenyetso kiyiranga. Zimwe zarizifise ikimenyetso «Bar x». Umushingantahe Grims, yari i ruhande yacu, yariafise ikimenyetso c'inganamwashi, rwari urudome T ruriko inganamwashi. Haruguruy'urwo ruzi Troublesome hari ikimenyetso «Lazy K». Izacu zari zifise ikimenyetso kimeze nk'amanoy'idendo. Hepfo gatoyi yacu, hari hari «ikimenyetso kimeze nk'amano atatu».Muri uwo muryango haca ubwoko bwose bw'ikimenyetso.

Nari nabonye ko umwungere atari yitayehocane ivy'ivyo bimenyetso vyose, ntiyigera abiraba. Rimwe rimwe mbere vyaba birii bubamfu ku nka, gurtyo rero akaba atari gushobora kubibona. Si vyo reroyaraba. Ariko ivyo yitwararika kwari uko ata n'imwe yokwinjira, idafise ku gutwiiparati yemeza ko itari ikivange. Inka itavanze yonyene yo mw'ishirahamweHerford ni yo yashobora kwinjira muri ayo mashamba.Ikimenyetso ntaco bakirabako cane ,ariko bitaho cane isubwoko. Nibaza yuko ariko bizoba ku mu

ku rubanza. Ntibazokwitaho ubwoko bw'icapa twambaye, Izoraba ubwoko bw'amaraso. "Mbonye amaraso, nzobarengana hejuru."

[Mwene Data Branham avuganye na Mwene Data Gene ku bijanye na mikoro]

12 No kuri uno mugoroba turaja kugeragezaguheza hakiri kare, gurtyo rero tuzoshobora guca tugaruka ejo ku mugoroba mazetwige ivyo bihe vy'Ishengero. Ndababwire, birangora kudaca mvuga ibintu vyizacane tuzogenda tubona; nashaka kugerageza kubivuga vyose nkabimara ku mugorobaumwe. Ni ko nsanzwe meze ariko dutegerezwa kuja turasigaza bimwe bimwe bizojabiravugwa buri mugoroba.

Imbere y'uko nugurura Igitabo gikuru,ndibaza ko twohaguruka twese akanya gato, ababishoboye. Karaja kuba arin'akaryo ko kwiruhurira. Twunamike imitwe duciye bugufi kugira dusenge akanyagato.

13 Datawa twese wo mw'Ijuru, twongeye kwegera Intebe yawe yera, tuje dufise ukwizerakutanyiganyiga kuko iyo tuje, ni kubera ko tuba twatumiwe ngo tuze. Ntituvugako tuje mw'izina ry'ishengero canke idini kanaka, canke mw'izina ry'irishengero, canke mw'izina ryacu bwite, kuko ivyo ntivyoduha gushira amanga yukotuja kuvugana n'Imana. Ariko kubera Yesu yavuze ati : « Ico muzosaba cose Datamw'Izina ryanje, nzogikora », gurtyo rero turazi yuko iyo tuje mw'Izina ryaYesu, utwumva Data.

Turanezerejwecane, n'ugusoma ingene abishwe bahorwa gushingira intahe Yesu Kristo bo mu bihevyashize basozereye gushinga intahe kwabo mu gusesa amaraso yabo bwite; uburero, Data, dusanze dukora bike cane muri kino gihe. Kandi Mwami, ndagusavyengo uduharire kubona dufata minenerwe igikorwa cawe. Kandi tugusavye ngowongere udusige amavuta mu gihe tuja gusoma Ijambo ryawe, maze tubone imibabarobagize yose mu bihe vyashize, kugira dushireho icitegererezo c'iryo Shengerory'ubwiza ryacunguwe ry'Imana Nzima.

14 Data wo mw'Ijuru, ndagusavye ngo uvugiremuri twebwe kuri uno mugoroba, kuko tutazi ico turi buvuge; turarindiriye gusakandi dusenze gurtya kuko turi mu Nyonga z'Imana mw'ishengero ryayo, kandidusavye Mpwemu Yera ari kuri aba bantu ngo yegeranye kuri uyu mugorobaubushobozi bwiwe bwose kandi akomeze Ubutumwa bwiza mu mutima w'umw'umwe wese,gurtyo aduhe igihagararo gishasha n'ivyizigiro bisha bitwizigiza ivy'igihekigiye kuza. Ubiduhe Mwami, kuko tubona umusukoni utanguye kumera amashami,Isirayeli yarabaye ihanga, kandi imisi y'abanyamahanga iraharuye kandi irikoirarangira, kandi turorereye Ukuza kw'Umucunguzi w'ubwiza ari We Mwami wacuYesu Kristo.

Ugendane natwe, Mwami! Nk'uko vyavuzwe kuriuno mugoroba ngo: « Ugendagende hagati y'ibiterekwako amatara», none rero,Mwami nugendere hagati yacu kuri uno mugoroba. Kandi uburire imitima yacu ikibikigiye kuza, uduhe gutahura Ijambo ryawe, kuko tubigusavye mw'Izina ryaYesu.Amen! Murashobora kwicara.

15 Ubu rero, nk'uko nama nabivuze, ngeragezakwandika ivyo nshoboye vyose, ibihe, ibibanza, n'ibindi; kuko dutanguye ibintuvyabaye muri kahise. Ni ivya kahise; maze rero ubu, turaja kubihuza n'ibihehamwe n'ibiringo.

Ku w'iyinga mu gitondo no ku mugoroba,twagize ibihe vyiza cane. Sindabikekeranyako.Na jewe narabiciyemwo.

16 None ubu turiko twiga iki? Uguhishura kwaYesu Kristo. None twabonye iki aho Imana yaduha uguhishurirwa maze ikatwerekaiyo ari Yo? Ikintu ca mbere twabonye mu vyahishuwe vyose, ni uko Imanayerekanye iyo ari Yo; yuko Yesu atari umuperesona agira gatatu w'ubutatu, arikoari we ubwo butatu bwose uko buri. Yari Data, yari Mwana kandi yari na MpwemuYera. Ivyo ni vyo vyahishuwe. Muri ico gihe nyene haravugwa incuro zine yukoari We Mana ishobora vyose; Yamyeho, Iriho kandi Igira ize, Umunago wo kugishitsi ca Dawidi.

17 Ubu reroturabona ko muri ivyo bintu, tugerageza kubishira ahabona vyose, kuko sinziigihe tuzosubirira kuvyumva; kumbure ko tutazosubira kuvyumva gushika aho igihekitazoba kikiriho kikazimanganira mu guhoraho. Nk'uko namaze kubivuga,hashobora kuba hari bene Data benshi n'abigisha babinonosoye kundusha kugirababe bobivuga kandi nta nkeka barashobora kubitangira insiguro nyayo, arikoImana yanshize ku mutima kubikora kandi rero noba ndi indyarya ntavuze neza naneza ico nibaza ko ari co imbere y'Imana. Ngomba kuba imbere y'Imana ntagirakoumugayo igihe cose, kandi, nk'uko Paulo yavuze : «Sinigeze mpengeshanyakubagabisha ndira ku murango no mw'ijoro, kugira Ishengero rishikame neza.» Nihagira uwuzimira, amaraso yiwe ntaze amparurweko, kuko nshaka kudaharurwako amaraso y'umuntu n'umwe. Nimwaba mutemeraivyo mvuga mugume mukundanye hagati yanyu, kandi bizoba ari vyiza cane. Arikokumbure Umwami azohishura ikintu kizodufasha twese.

18 Nuko rero, ica mbere tubona ni ukoyihishuye. Ubu, turatahura uwo ari We.

Ndizigira ko navuze ibintu ndabifoboyeigihe nerekana neza ko ugusuka utuzi ku mutwe n'umubatizo mu matazirano yaData, Mwana na Mpwemu Yera ari umubatizo w'abakatolika ariko atari umubatizow'abaporoti, canke umubatizo nk'uko uvugwa mw'isezerano rishasha.

Kandi nasavye ko hagizeumuntu atora umurongo wo mu Vyanditswe, aho umuntu muri Bibiliya yobayarabatijwe gushika kuri ya Nama Nkuru y'i Nikaya (aho batanguza idini ryaKatolika) mu matazirano ya Data, Mwana na Mpwemu Yera», uwo muntu yovyerekana.Maze nzoca niyomeka ku mugongo icandiko kivuga ngo : «Umuvugishwa w'ikinyoma»,hanyuma nce manuka mw'ibarabara. Sinkoze ivyo ngo ndabakarire ariko ni ukugiragusa mbereke ko ari ukuri. Murabibona?

19 Nuko rero, Bibiliyairabihishura ngaha, ni We Mana ishobora vyose yambaye umubiri hagati yacu.Atari Data, Mwana na Mpwemu Yera; imana zitatu ntizibaho, canke Imana imweihimbaguwemwo gutatu. Hari Imana imwe rudende yakoze mu buryo butatu; igikorwaca Data, ic'Umwana, n'ica Mpwemu Yera. Imana ihimbarwa no kumanuka ivuyemw'itongo rya Edeni, igerageza kwongera guca inzira mu mitima y'abantu ngoiyibemwo, kugira twongere tube abahungu n'abakobwa b'Imana turi kumwe na Yo. NiImana idusumba twese, Imana ikoresha twese, Imana muri twebwe. Ng'iryo itandukaniro.Murabitahura?

Kandi ivyo bintu, Bibiliya irabihishura,kandi yarabisiguye rwose mu gice ca mbere c'Ivyahishuwe Yohana; ni co gitaboconyene co muri Bibiliya mw'Isezerano rishasha ryose, ni aho honyenemw'Isezerano rishasha, ico Yesu yashizeko ikimenyetso ciwe bwite. Kandi kuva muntango yaravuze ati : «Hahirwa uwusoma». Kandi ku mpera yavuze ati : «Ni hagirauwukurako canke akagira ico yongerako, umugabane

wiwe uzokurwa kuri ca Gitaboc'Ubugingo.» Rero ni umuvumo kuri uwo wese azogira ico akurako; ni uguhishurakwose kwa Yesu Kristo. Rero, tumugize batatu, murazi ikizoca gishika. Urabona,izina ryawe rizokurwaho.

20 Nta n'umwe, nta shengero na rimwe ryo muriamwe ya mbere, ryigeze ryizera imana zitatu. Ikintu gihambaye cavuye muri yaNama y'i Nikaya yabaye amashami abiri : ku ruhande rumwe, abanyabutatu, abizeraubutatu, abahavuye bagira idini rya Katolika, bahavuye bacika burunduabanyabutatu, Imana bayihinduramwo « abaperesona batatu ». Kandi, ku rundiruhande, hari abizera ko Imana ari «imwe»kandi baciye baja ku rundi ruhande, baba «abanyabumwe.» Iyo mirwi yompi iri mukinyoma.

Yesu ntashobora kuba Se wiwe bwite, kandini nk'uko Yesu adashobora kuba afise Se kandi akaba... ivyo vyotuma habahoimana zitatu; ivyo ntivyoshoboka, kuko ni yaba afise se, (kandi Data yoba ariuwundi atari uyo), maze Mpwemu Yera na we akaba Se, aho rero yoba ari umwanaw'ikivyarwa! Bibiliya ivuga yuko Mpwemu Yera ari We Se. Kandi nitwaba dufiseMpwemu Yera, aho rero si Mpwemu Yera, ni Data ari muri twebwe afise Izina ryaMpwemu Yera, agaragaza ico gikorwa muri twebwe, kuko yigeze kuba muri uwo muntuyitwa Yesu, kandi yaragarutse, kandi aba muri twebwe ubu : ni ya Mana nyene ariYo Yehova.

21 Nta mana zitatu zibaho. Imana zitatu, ivyoni ubupagani kandi ivyo vyadushitseko kubwo imigenzo. Muze mugume ngaha iriyinga ryose mudafise ivyiyumviro vyo guhinyura, ariko murabe kandi mugenzureivya kahise. Dufate ibitabo vya kahise bimwe, canke ivyo ari vyo vyose. Ibitabovyose vya kahise birahuza. Abahinga b'ivya kahise ntibagize uruhandebahengamiramwo, bitaho gusa kwerekana ivyashitse, ivyabaye. Nimurabe nezaingene umubatizo mu matazirano ya Data, Mwana na Mpwemu Yera wakwiragiye mugihe ca Luteri, ca Wesileyi, mu mpera z'igihe c'ishengero rya Lawodikiya, ivyovyategerezwa gushirwa ahabona. Ni ivy'ukuri. Ivyo vyose, ni inkuru za kahise,kandi si n'iza kahise gusa, ariko kandi ni izo muri Bibiliya.

22 Ubu rero kuri uno mugoroba, dutanguye ibihendwi vy'ishengero, ari yo yari amashengero ndwi yo muri Asiya yo haruguru igiheiki Gitabo candikwa. Nta nkeka ko amashengero y'ico gihe yagaragaramwo ibirangaibihe vy'ishengero vyari bigiye kuza. Uretse ayo, hariho ayandi mashengero,ishengero ry'i Kolosayi bo n'ayandi menshi, ariko Imana yatoye ayo mashengerokubera ivyayaranga.

Kanditumubona ahagaze hagati y'amatara ndwi y'izahabu, afise mu kiganza inyenyerindwi. Kandi ku murongo wa 20 w'igice ca mbere avuga ko izo nyenyeri ndwi ariabamarayika ndwi b'ayo mashengero ndwi.

23 Mu gihe ca Bibiliya, ntibatahuye uku guhishurirwa.Kuko vyari kubamarira iki kuvyitondera no kubirindira, iyo baja kumenya kohazoca imyaka ibihumbi imbere yuko Yesu aza? Ivyo ntibabihawe.

Kandi mbwiye abari ngaha, mwebweabakatolika, Abaruteriyano,

Abametodiste n'abandi, yukoumuco uri kw'Ijambo uno musi utahawe Maritino

Luteri. Ntiwahawe na JohnWesileyi. John Wesileyi yigishije ukwezwa, ukwo Luteri atari yarigishije. Umucouza mu gihe dukeneye Umuco. Imana yaratanze

Ijambo arikontiturihishurirwa, kuko riba rihishijwe amaso yacu gushika umusi Imanaizoriduhishurira. Sinzi ikizohaba tumaze kugenda. Ndazi neza ntakekeranya kohazoba ibintu vyinshi tutazi. Ni ivy'ukuri. Hari udushashara ndwi tudombagijeku mugongo w'Igitabo tukimatanije, dufashe Igitabo cose c'Ivyahishuriwe Yohana.Kandi ivyo ntivyanditswe no mu Gitabo. Kandi ivyo Bimatanije ca Gitabobitegerezwa kumenwa muri iki gihe c'ishengero, kandi ya mabanga ndwi ya nyumay'Imana ategerezwa guhishurwa. Oh, noshima kuguma ndavyigisha urushana rwose.Nta nkeka! Ibihe ndwi vy'Ishengero...

24 Yohana yumvise imituragaro ndwi mazentiyemererwa kuyivugako. Yarumvise amajwi ariko umuzingo w'Igitabo wariudombagijweko udushashara ndwi tukimatanije. N'ubwo biri uko, igihe ivyobimatanije ca Gitabo bizokwugururwa, «ni ho ibanga ry'Imana rizobariheraherejwe». Mu yindi mvugo, Imana izokwihishurira Ishengero ryayo; atari muburyo bw'abaperesona batatu, ariko mu buryo bw'umuperesona umwe. « Ibangary'Imana rizoba riherahejwe», kandi aho ivyo bizoba bimaze guhishurwa vyose niho ayo mabanga ndwi azohishuririrwa Ishengero; kubera ico gihe, ishengerorizogendera mu burongozi bwa Mpwemu Yera agendagenda muri ryo, yerekanishaibimenyetso vyiwe ko ari muzima akongera akaba muri twebwe. Kandi ico gihe,tuzosenga Kristo muzima ari muri twebwe.

25 Ntimuze mwigere murondera amashengeroakomakomeye n'ibintu bihambaye. Nitwashika kuri ico gihe ca Pentekote nta nkekamuzobona aho bazimiriye. Ishengero rya Lawodikiya ubwaryo risigura « iritunze,ata co rikeneye», kandi ryambaye ubusa, ryafutanye kandi rihumye, kandi rikabaritabizi! Murabibona? Bakurikiye amahera, inyubakwa nziza nziza hamwe n'ibindivyose.

Ishengero ryamye ari imicafu y'isi mu masoy'abantu, ryankwa na bose, ritazi ibikorwa n'abantu,

rigategerezwa kubaho mubantu uko rishoboye kwose. Some Abaheburayo 11, maze mufate imirongo itandatucanke umunani ya nyuma itwereka ingene «bayerera mu bugaragwa, bambaye insatoz'intama hamwe n'iz'impene, bari baburaniwe bahamwa kandi bacunaguzwa.» None,ku musi w'urubanza twebwe abantu bo mu gihe ca nyuma intahe yacu izohurira hen'iyabo?

26 Mwebwe mwicaye aho hasi, sinzi ko mushoborakubona iki gicapo cerekana ibihe ndwi vy'ishengero. Ngira ndagifatire mu minwekugira mushobore kukibona neza no kugitahura.

Ishengero ryatanguye kuri wa musi waPentekote. Ni nde yobihakana? Nta n'umwe! Ishengero ryatanguye ku musi waPentekote ritangurana umugisha wa Pentekote. Ryashizweho na Yesu Kristo kugirango rijane ubwo butumwa nyene n'uwo mugisha nyene ukorera muri ryo gushika kumusi wa nyuma; igikorwa ca nyuma Yesu yahaye ishengero kibonekera muri Mariko16 : «Mugende muje mu bihugu vyose,mubwire abaremwe bose ubutumwa bwiza.» Abirabure, abari inzobe,abadimudimu, abazungu, abaremwe abo ari bo bose! Kubwira abaremwe bose Ubutumwabwiza «Kandi ibimenyetso bizokwamabiboneka ku bizera ni ibi. » Kuri uno mugoroba, turaja kuvyinjiramwo gato,kandi kuja kuba ari ugutangura gusa iki cigwa; buri mugoroba, tuzogendadukurako igice kitari gito gushika aho dushikira igihe cacu c'ishengero. Kandituzobona yuko ivyo ari vyo yatujeje.

27 Igihe ca mbere c'ishengero cabayeic'ishengero rya Efeso. Igihe ca kabiri cabaye ica Simuruna; ica gatatu icaPerugamo, ica kane, ica Tuwatira; ica gatanu, ic'i Sarudi, ica gatandatu icaFiladelufiya, ic'indwi na co cabaye ica Lawodikiya.

Igihe ca mbere c'ishengero catanguye nko mumwaka wa 53, inyuma y'ukuvuka kwa Yesu Kristo, igihe Paulo yatanguza ishengerory'i Efeso. Igihe yagira urugendo rw'ukuvuga Ubutumwa, yaciye ashinga ishengerory'i Efeso, maze aca aba umwungere waryo gushika bamuciye umutwe mu 66,bisigura yuko yabaye umwungere w'iryo shengero nk'imyaka mirongo ibiri n'ibiri.Amaze gupfa, biravugwa yuko intumwa Yohana ari we yaciye aba umwungere w'iryoshengero maze aba ari we aca arizezwa muri ico gihe cose. Igihe c'ishengero ryaEfeso cagarukiye mu mwaka wa 170,igihe ca Simuruna gitanguye.

28 Hanyuma, inyuma y'igihe c'ishengero ryaEfeso, ryabayeho kuva mu 53 gushika mu 170 hatanguye igihe c'ishengero ryaSimuruna, naco kikaba catanguye kuva mu 170 gushika mu 312. Hanyuma haza igihec'ishengero rya Perugamo, catanguye mu 312 gushika mu 606. Hanyuma haza igihec'ishengero rya Tuwatira, catanguye mu 606 gushika mu 1520; ni igihec'umwijima. Hanyuma igihe c'ishengero rya Sarudi gitangura mu 1520, kikageza mu1750; Ni igihe ca Luteri. Mu 1750 hatangura igihe c'ishengero rya Filadelufiyaari co gihe ca Wesileyi cabayeho gushika mu 1906. Kandi mu 1906 hatanguye igihec'ishengero rya Lawodikiya; kandi sinzi aho kizoherera ariko ndabivuze bitarabako kizohera nko mu 1977. Ndabivuze (si Umwami yabimbwiye), ariko ndabivuzenkurikije ivyo neretswe haciye imyaka, kandi mu bintu ndwi neretswe, bitanubiramaze gushika.

29 Muri rino shengero, ni bangahe bibuka ukwokwerekwa? Koko, naranavuze ko Kennedy azotorwa, mu matora aheruka; yuko abagorebazoronka uburenganzira bwo gutora, yuko Roosevelt azokwegera isi mu ndwano;yuko Mussolini azotera Etiyopiya kandi ko rizoba ari irya mbere atera; iherezoryiwe uko rizomera, kandi ko hanyuma y'ivyo azopfa. Ko imihari ikomakomeyeizohaguruka kandi yose igahereza kuja mu vya gikomunista. Umuhari w'abanazi,umuhari w'abatwaza umukazo wo mu bataliyano n'ibindi, bose bazotwarwan'ubukomunista. Imyaka 11 imbere yaho, uko kwerekwa kwambariye ko «tuzorwanan'Ubudagi, kandi ko Ubudagi buzokingirwa n'igihome c'ibeto, uruhome rwitwa«Siegflied», vyabaye neza na neza ukonyene. Ni ho rero havugwa ko inyuma y'ivyo, ubushakashatsi buzotera imbere kuburyo hazokorwa imodokari zizogenda zirushiriza gusa n'amagi. Kandi ukokwerekwa kwavugiwe ha hantu nyene hubatswe «Ishengero rya Kristo» ubu, ahahorairerero ry'impfuvyi. Charlie Kurn, kumbure ari ngaha kuri uno mugoroba, ni hoyaba ico gihe. Ivyo navyeretswe umusi umwe ku w'iyinga mu gatondo nk'isahaimwe. Kwavuga ngo : «Bazokora imodoka itazokenera idiregisiyo, kandi izotwarwan'ubushobozi kanaka.» Ubu iriho. Ubu barayifise, ni isumaku bakoresha mugukwega, bagatwaza radare. Muraregera neza gusa Radare yanyu mwerekeje ahomugomba gushika, maze mugaca mujanwayo; ntibikenewe ko mwirirwa murayinyonga.

30 Kandi haravuzwe ngo : « Ico gihe hazobonekaumugore ahambaye muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika.» Yari yambaye neza kandiari mwiza ariko mu mutima wiwe yari umwicanyi. Kandi ku vyo neretswe narinanditse ku gapapuro gasa n'umuhondo, naciye nandika mu tuzitizo nti : «Birashoboka ko ari ishengero rya Katolika ». Abagore bamaze kuronka uburenganzirabwo gutora bazotuma hatorwa umuntu mubi ngo atware kino gihugu, kandi ni cobakoze koko. Nabwiwe ko uko ariko bizotangura.

Hanyuma nareretswe ikindi kintu. Hanyumaubwo nyene inyuma y'ivyo, naciye mbona iki gihugu casenyaguritse gifumbaumwotsi, nk'ikintu caguweko n'ikibombe. Namba birya vya mbere vyarashitse,n'ibi na vyo bizoshika. Ni co gituma ndi ngaha kuri uno mugoroba, ngeragezakubabwira ubu butumwa, mwebwe bantu b'i Yeferesonivile, kubera ndi hafi kuja mugikorwa co gukwiragiza Ubutumwa hanze, kandi sinzi igihe nzohamagarwa cankenkazamurwa n'Umwami. Ntitubizi. Kandi nkeneye kumenya neza ntakekeranya koIshengero rizi igihe tugezemwo kuko Imana Ishobora vyose izobimbaza.

31 Kandi nk'uko Ivyanditswe bivuga, ishengeroryose rirafise umumarayika waryo. Ni bangahe bazi insiguro y'ijambo «umumarayika »? « Ni intumwa ». Kandi hari abamarayika ndwi kuri ayo mashengerondwi, ni ukuvuga intumwa ndwi. Zari inyenyeri ndwi ziri mu kuboko kwiwe. Kandimu kuboko kwiwe, izo nyenyeri ndwi zategerezwa kurungika Umuco wo mu Nyongahiwe mu misi turimwo y'umwijima. Nk'uko inyenyeri zirungika umuco w'izubakw'isi kugira ushobore kuturongora mw'ijoro.

Rero turabona yuko muri ico gihe, umwe wesewo mu bamarayika yari afise ikibanza n'ico ategerezwa gukora. Ariko bene Data,kuri uno mugoroba ivyo ntituja kuvyinjiramwo, kuko tuzi umumarayika w'ishengerorya mbere, ariko nitwaserangura inkuru za kahise maze tugashira ahabona imbereyanyu abamarayika b'ayo mashengero yandi kizoba ari ikintu c'ibanga kandi cizacane. Umumarayika w'ishengero rya mbere yari Paulo ari na we yarishinze, yatumwe n'Imana.

32 Dushobora kutabihurizako, ariko nagumyengaha imisi myinshi ndongorwa na Mpwemu Yera, gushika aho numva amanukako mazeakabinsigira amavuta. Ni co gituma ndabizi. Abo bagabo namenye kubwoguhishurirwa, ko ari bo bamarayika b'ishengero, bari bafise ibango ry'igikorwank'iryo Paulo yari afise mu ntango. Kandi iryo bango ry'igikorwa ntirishoboraguhinduka, ritegerezwa kuguma ari rya rindi nyene rya Pentekote uhereye muntango ugashitsa kw'iherezo.

33 Abanonosoye b'inkuru za kahise bari ngahantituja guhuza ku vyerekeye abo bagabo, ariko ndazi ko Ireneyo yari umumarayikaw'ishengero rya Simuruna; benshi muri mwebwe ahubwo bavuga ko yari Polycarpe,ariko Polycarpe yari ahengamiye cane kw'idini no ku vya Katolika, ari na ryoryari idini ryariko riratera imbere. Ireneyo we, yari umuntu yavuga mu ndimi,yari afise ubushobozi bw'Imana maze ibimenyetso bikama bimubonekako. Yariumumarayika afise Umuco uva ku Mana, kandi yabandanije atwara Umuco, Polycarpeamaze kubambwa canke kwicwa; Ireneyo yari umwe mu bigishwa biwe, Polycarpe nawe yari umwigishwa wa Yohana. Ireneyo ni we yamusubiriye kugira azane Umuco.

34 Umumarayika yashiriye Umuco Perugamo yabayeumwe Maritino ahambaye. Sinibaza ko hari umuntu ahambaye yigeze kubaho kw'isinka Maritino havuyemwo Yesu Kristo. Muvuga ubushobozi? Abicanyi baraje kugirabamuce umutwe (yizera ibimenyetso n'ibitangaza hamwe n'umugisha wo kuri wa musiwa Pentekote), kandi baza kugira bamwice, yaciye amanura ikoro y'umutamanawiwe, aca atega izosi. Igihe umwicanyi yafata inkota kugira amuce umutwe,ubushobozi bw'Imana bwaciye bumuhenurira inyuma maze aca aza apfukamye amusabaikigongwe. Amen! Yari umumarayika w'iryo shengero.

Ikindi naco. Umwe wo muri bene Se yariyamanitswe, yaciye afata akayira kugira agerageze kumurondera; yongere amenyeingene vyagenze. Ashitse yasanze bamaze kumumanika. Bari bamaze kumumanuraarambaraye wese, yapfuye, amaso yaturumbutse. Yaciye aja aho ari, arapfukama,maze amwubamako isaha yose, asenga Imana. Maze ubushobozi bw'Imana bucabwurururukira uwo muntu, aca aravyuka, afata ukuboko kwa mwene Se, baca barajana.Izo nkuru za kahise, co kimwe n'inkuru za Georges Washington, n'iza AbrahamLincoln n'abandi benshi. Ni inkuru za kahise!

Nta nkeka ko Maritino ari we yariumumarayika w'ishengero rya Perugamo. Ico gihe ni ho ishengero ryifatanya naLeta, ari na vyo vyazanye Katolika.

35 Umumarayika w'ishengero rya Tuwatira yariKolomba.

Umumarayika w'ishengero rya Sarudi,ishengero ryapfuye... Izina « Sarudi » ni ukuvuga «urupfu». Ryari rifiseizina ariko ntiryari izina ryiwe : « Uvugwak'uri muzima, arik'ur'uwapfuye ». Raba ingene babatiza muri ico gihe. Ivyoni ho vyavuye. Umumarayika w'ishengero rya Sarudi yari Maritino Luteri, uwambere mu baringanije ukundi gusha ivyo gusenga.

Umumarayika yatumwe kw'ishengero ryaFiladelufiya yabaye Yohani Wesley.

Umumarayika w'ishengero rya Lawodikiyantaramenyekana; Igihe kimwe azomenyekana, ariko kumbure ashobora kuba ari kuriino si. «Uwuri n'ugutwi... » [Agace katavuga kuribande - Umw.]... kumenyayuko ari co gihe tugezemwo. Imana izobicirako iteka.

36 Rekarero dufate Ivyanditswe, duheze tugaruke ku gihe ca mbere c'Ishengero. Ndafisengaha ivyo nanditse bikeya kandi nashaka ko mutega yompi ibikurikira.

Ishengero rya mbere, ishengero rya Efeso...ibikorwa vy'ishengero...ico Imana yabagayeko, vyari ibikorwa bitagira urukundo.Impera yabo cari Igiti c'ubugingo.

Ishengerorya Simuruna ryarahamwe, rica mu vyago. Impera cari igitsibo c'Ubugingo.

Ishengerorigira gatatu, Perugamo, cari igihe c'inyigisho z'ibinyoma, ibinyoma vyaSatani, hamwe n'ugushirwaho kw'intwaro y'aba papa, ishengero na Leta bica bijahamwe. Impera yari Manu yanyegejwe hamwe n'ibuye ryera.

Ishengero rya Tuwatira ryabaye ishengeroryazimijwe n'abapapa, vyari ibihe vy'umwijima. Impera bwari ubushobozin'ububasha ku mahanga, hamwe n'Ikinyenyeri co mu gaturuturu. Inkehwa ni

zozashoboye kurokoka.

37 Ishengero rya Sarudi ryabaye igihec'ukuringaniza ukundi gusha ivyo gusenga, igihe c'amazina yanyegejwe; baribafise amazina yabo bwite. Kandi impera yari imvune yera hamwe n'izinaryanditswe mu Gitabo c'Ubugingo (ntibazoca mu rubanza). Ivyo twarabibonye wamusi, Igitabo c'Ubugingo; muzocirwa imanza hakurikijwe Igitabo c'Ubugingo.Abera bazojanwa kandi bazamurwe batiriwe barabicamwo.

Igihec'Ishengero rya Filadelufiya cabaye igihe c'urukundo rwa bene Data, igihe cizacane co gukwiragiza Ubutumwa hose, igihe c'umuryango wuguruye. Impera yari iyokuba inkingi mu rusengero rw'Imana. Uguhishurwa kw'amazina y'Imana kwategerezwakuba muri ico gihe. Carangiye nko mu mwaka wa 1906.

Igihe ca Lawodikiya cabaye igihec'ishengero ry'akazuyazi, ritunze, ritunze cane, ataco rikenye; ariko muvyukuri, ni ritindi, rirakenye, ntiribona, ryarafutanye kandi rigenda amenya.Ku bazoba banesheje ico gihe, impera yari kwicarana n'Umwami ku Ntebe.

38 Ubu rero kuri uno mugoroba, turaja gufataigice ca kabiri, igihe ca mbere c'ishengero. Kandi ubu, tura...

Yarahishuwe,kandi turazi uwo ari We : Ni Imana!

Rero nk'uko nabivuze, igihe ca mberec'ishengero gitangura nko mu 53, hanyuma kigahera mu 170.

- Igisagara ni Efeso, kimwe mu bisagara bitatu bikuru bikuruvyo muri Asiya; bakunda kuvuga ko ari ikigira gatatu mu bisagara birimwoabizera ivya gikristo (ica mbere ni Yerusalemu; ica kabiri Antiyokiya; icagatatu na co kikaba Efeso).

- Cari igisagara gikomeyecane gikorerwamwo ubudandaji n'imyuga.

- Catwarwa n'Abaroma.

- Bavuga ikigiriki. Abizeinkuru za kahise bemeza ko Yohana, Mariya,

Petero, Andereya na

Filipo bose ariho bahambwe. Efeso cari kizwikubera ubwiza bwaho.

39 Muri Efeso, ivy'ubukristo vyari ahabaAbayuda. Kandi vyatangujwe mu 53 canke 55. Vyashikanyweho n'intumwa Paulo. Munyuma, Paulo yahavuye amara imyaka itatu i Efeso. Inyigisho ya Paulo yagizeigikorwa gihambaye ku bizera b'i Efeso. Hanyuma, Timoteyo yahavuye abaumwungere wa mbere w'ishengero ry'i Efeso. Paulo yandikiye ishengero ry'iEfeso. Mu gihe ca Paulo ryari ishengero rikomeye.

Efeso risigura...izina ubwaryo rya Efesorisigura «urwangara, ukwanjanjwa,ugusubira inyuma.» Imana iryita «Ishengero ryasubiye inyuma.» Ubwa mbere na mbere Imana irashima ibikorwavyabo, ubutame bwabo n'ukwihangana kwabo. Ariko Imana ibagaya ukuntu babayeho,kuba barahevye urukundo rwa mbere bari bafise (canke kuba barasubiye inyuma),ntibabe bagitwara Umuco. Efeso ntiryari ishengero ryahenzwe; ubwaryo ryaraguyebitewe n'uko ritagumye mu Rukundo rutunganye.

40 Incamake y'ivyamwa vyo muri Efeso : ukuburaurukundo vyabashikanye ku kureka Imana. Ivyasezeranywe: Paradiso yasezeraniweuwunesha, mu bera bo mu gihe c'ishengero rya Efeso; azoronka umugabane ku Gitic'Ubugingo.

Ng'iki ikintu ciza : Igiti c'Ubugingokivugwa incuro zitatu mw'Itanguriro, n'incuro zitatu mu Vyahishuriwe Yohana.Ahantu gitangura kuvugwa mw'Itanguriro ni mw'itongo rya Edeni; Kristo ni We icoGiti. Incuro zitatu ico giti kivugwa mu Vyahishuriwe Yohana, aba ari Kristo arimuri Paradiso. Oh, mbega imfungurwa y'ubutunzi! Umwami ariko araduhezagira!

41 Ubu rero reka duhere ku gice ca kabiri,umurongo wa mbere, kw'ishengero rya Efeso :

Andikiraumumarayika w'ishengero ryo muri Efeso, ut'Ufashe inyenyeri indwi mu kuboko kw'iburyo, akagendera hagati y'ibiterekwakw'amatara indwi vy'izahabu;...

Yohana ni We ntumwa y'ico gihe. Hagatiy'ibiterekwako amatara indwi vy'izahabu ni ho Yesu Kristo, Imana ishoboravyose, agendera. Aba ariko akora iki? Ntiyavuze ko agenda afise igiterekwakoitara kimwe, agendera hagati ya vyose. Ivyo vyerekana iki? Vyerekana ko ari yaMana nyene, uko yari iri ejo n'uyu musi ariko ikiri kandi ariko izohora n'ibihebidashira muri buri gihe cose c'ishengero no ku wizera uwo ari we wese. AzaniraMpwemu Yera igihe c'Ishengero n'umuntu wese; uko yari ari ejo, n'uyu musi ni koakiri kandi ni ko azokwama ibihe bidashira.

42 « Mu kuboko kwiwe kw'i buryo yar'afise...»Ukuboko kw'i buryo ni ukuvuga ububasha n'ubushobozi. Afise mu kubokokwiwe kw'i buryo intumwa ndwi z'ibihe ndwi vy'ishengero kandi akaba azirongoye.Oh,

ivyo ndabikunda! Turashobora kubona Kristo agendagenda muri ico gihec'ishengero, yimenyesha abantu biwe gushika mu gihe c'umwiza, muri buri gihecose; mu gihe ishengero na ryo ryariko rigenda riba iry'imigenzo kandi ryongerarita inzira buke buke, bamwe baja ku ruhande abandi ku rundi, izo nkehwaz'ishengero zikaguma zishikamye, kandi Kristo yakorana na zo, yemeza ijamboryiwe; yazirenganije ivyo vyose.

43 Iyo dutanguye kwiga ibi bintu, biroroshekubona ingene twageze muri vyo turimwo uno musi. Ndibaza yuko mwese mushoborakubona kugeza aha. [Mwene Data Branham ariko acapura ku kibaho - U] Ng'ikiigihe c'ishengero, ni ica Pentekote. Igihe ca kabiri c'ishengero, ica gatatu,ica kane, ica gatanu, ica gatandatu n'ic'indwi, nimwaba mushaka kuvyandikaneza. Ishengero ritangurana n'umusi wa Pentekote. Ni bangahe bavyizera?Murabona ivyabaye kuri wa musi wa Pentekote. Turabona rero ko ishengero ricaritangura gusubira inyuma; Umuco ugenda urushiriza kugabanuka, kandi ukagendaurushirizaho kugabanuka, gurtyo gurtyo. Kandi uragabanuka gushika hariya,Ishengero ry'ukuri ryigiriye.

Naho Ishengero ryoba ari rito gute, ntacobitwaye : «Aho babiri canke batatu bazoba bakoraniye mw'Izina ryanje, nzoba ndihagati yabo.» Bakoraniye mw'izina ry'iki? Mw'izina ry'Abametodiste? Ry'Ababatiste? Ry'Abapentekote? - Mw'Izina rya Yesu! Aho babiri canke batatubazoba bakoraniye, n'aho boba ari bake gute. Kandi mu misi ya nyuma, bazoba aribake cane ku buryo Umwami yavuze ko bizoba ngombwa ko aza vuba maze akageruraiyo misi, na yo ahandi ho nta n'umwe yorokotse kugira azamurwe. «Aho babiricanke batatu bazoba bakoraniye mw'Izina ryanje...»

44 Turabona ko ryatanguye ku musi waPentekote, kandi ko ryatanguranye n'intumwa. Ng'iyo ya Mana nyene y'ubwizairiko iragendagenda iherekejwe na vya bitangaza nyene bihambaye bikoreka mubihe vyose vy'ishengero, kubera igendagenda muri buri gihe cose c'Ishengero.Ihezagira ba nde? Abantu bayo, bakoranira mw'Izina ryayo.

Nashaka ko mwitegereza ibi, mu gihe turikoturiga ivyerekeye ishengero. Irishengero ryari rifise Izina rya Yesu. N'irina ryo, na ririya. Iri naryoryari rifise Izina rya Yesu. Ariko iri shengero ryo ryararitaye. Iri shengeroryarasohotse, ni igihe ca Luteri, rivugwako ari rizima, ariko ryarapfuye.Kandi ivyo birabandanya gushika ku mpera y'iki gihe; kandi hagati y'iki gihe bon'iki, hasigara umuryango wuguruye kugira iryo Zina ryongere kugaruka mw'Ishengero.- Ni mubisuzume maze murabe yuko atari ukuri, ko tumaze kubisanga muVyanditswe. Aha hagati y'ivyo bihe bibiri.

45 Ejo ku mugoroba, nzogerageza gushiraikibaho ngaha, kugira ngo mwese mushobore kubibona. Kumbure nzoza ejo kumuhingamo maze ncapure ibicapo bimwe bimwe nzoba nkeneye kuvugako. Kandi murimwebwe namba hari uwufise ibitabo vy'inkuru za kahise, aze abizane. Cankemufate ivyo mwandikako, muheze mugende mu bubiko bw'ibitabo canke ahandi, kandimusuzume inkuru za kahise kugira murabe ko ari vyo.

46 Uburero, umurongo wa mbere. Ariko akora iki? Ariko arabaramutsa.

Andikira umumarayika w'ishengero ryo muri Efeso,ut'Ufashe inyenyeri ndwi mu kuboko kw'i buryo, akagendera hagatiy'ibiterekwakw'amatara indwi vy'izahabu...

Ubu rero, umurongo wa 2 n'uwa 3; arabashima:

Ndazi ibikorwa vyawe n'ubutame bgawe n'ukwihangana,kandi k'udashobora kwihanganira ababi, ariko wagenzuye abiyita intumwa kandiatarizo usanga ni abanyabinyoma;...

Murabona ko ukureka Imana kwari kwaramazegutangura kubaho mu gihe ca mbere c'ishengero. Aha nyene kwari kwamazegutangura; kuko bari bamaze gutangura gushibura ishengero ry'ukuri kandiryatoranijwe ryashaka kugumya ivyo Bibiliya yigisha n'amajambo Yesu yashingiyeintahe. Hari icari gitanguye kuba, kandi hariho abigisha b'ibinyoma baribahagurutse, abantu bigisha ibintu vy'ibinyoma kandi bihushanye n'Ivyanditswe,bagerageza kwongerako.

Ni co gituma yahaye ishengero ukuguhishurirwa, kandi avuga ati : «Uwukurako canke yongerako, umugabane wiweuzokurwa ku Gitabo c'Ubugingo.» Ni ubuzimire, bene Data! Ntimugakore kw'Ijambory'Imana! Uwo ari we wese canke ico ari co cose ryobababaza, ivyo ntaco bitwaye,nimurivuge gusa. Nimurivuge gusa uko ryanditse, ni ko bikwiye gukorwa. Ntakindi dukeneye, nta mupatiri dukeneye canke ico ari co cose kugirakiridusobanurire: Imana, Mpwemu Yera, ni We Musobanuzi! Ni Yo itangainsobanuro.

47 Uburero, nimwaba mwabibonye, baritandukanije n'ababi, bagaragaza abavugishwab'ibinyoma bamaze kuboneka ko ari ab'ibinyoma, bafise gusa ishusho yo kwubahaImana. Murabona ingene muri ico gihe ishengero ryatanguye kugendera mu migenzo?Batanguye gukandamiza abarongorwa na Mpwemu Yera, mu gutuma abantu babacokora.

None,Yesu ntiyavuze ati : «Hahirwa abahamwabahorwa ukugororoka...»? Ntiyigeze avuga ngo batangure kugendera mumigenzo. Yavuze ati : « Munezerwe,muhimbarwe, kuko ari ko bahama

abavugishwa n'Imana ba mbere.» Ivyo yabivuzehamwe yariko avuga kuri ya mahirwe ari muri Matayo 5, ati : «Hahirwa aba ... » Abantu nibabacokorakuko mukunda Umwami Yesu, ni umuhezagiro kuri mwebwe nibabagirira gurtyo. Iyobabavuma, nta kindi baba bakoze atari ugutuma imihezagiro y'Imana iza kurimwebwe. Kuri bo, ni nk'urubeya ruba rubagarutseko, nk'uko ivyo vyashikiyeBalamu. Umuriro waciye ubahindukirira. Iyo bagerageza kubacokora babahora komuri Abakristo, urubeya ruca rubagarukako, maze Imana igaca ibaha umuhezagiro,kuko; ngo: «Muzoba muhiriwe ni babahama babahora Izina ryanje» Babahora Izinaryiwe! «Muzoba muhiriwe.»

48 Tubona yuko bashatse gutangura kugiraishusho yo kwubaha Imana.

Ubu rero ndashobora guhagarara maze ngireico mvuze: ndibaza ko nja kubikora. Muramaze kubona ko ikanguro ryose... BeneData dusangiye gukorera Imana, muzobisuzume! Ikanguro ryose ryama rivyaraamahasa, nk'uko Isaka na Rebeka bavyaye amahasa aribo Esawu na Yakobo. Se yariumweranda, nyina yari umweranda. Baciye bavyara abana babiri ari bo Esawu na Yakobo.

Bompi bari abasenzi. Ariko Esawu uravye kubikorwa, nk'umunyamategeko, nta nkeka ko yari umuhungu w'ingeso nziza murivyose. Mbega mwari mubizi? Yakobo kari agahungu kama kigumira i ruhande yanyina. Ariko Esawu yama agenda gukora, akazana ico yishe akagiha se yari amazegusaza atakibona akaba uwavugishwa n'Imana; yama agerageza kuvyitwararika.Ariko Yakobo yari arajwe ishinga n'ikintu kimwe : yashaka kuba Samuragwa!Ntiyitaho kumenya igihe azomara abirindiriye canke ico azotegerezwa gukora, ikintunkenerwa ku bugingo bwiwe kwari ukuba Samuragwa, ubwo burenganzira Esawuyakengera.

49 Mbega ntimubona umuntu w'umunyamubiri? Iyohabaye ikanguro, hama havamwo imigwi ibiri y'abantu muri buri kanguro. Harihoumuntu w'umunyamubiri aca aza, maze akaduga agashika ku gicaniro, akavuga ati:«Ego mushinganta, ndemeye Kristo nk'Umucunguzi wanje.» Hanyuma akigira, mazehagaca haba iki? Ica mbere muzokwumva, ni uko abohewe mw'ishengero kanaka ryizarikonje kandi rigendera mu migenzo, kuko yibaza ngo : « Burya nokwifatanyan'ishengero kanaka, sinoba umuntu mwiza nk'uwundi wese? Simeze neza nka naka?None ivyo bitandukaniye hehe, mu gihe ndi mw'ishengero kandi nkatura ivyonizera? » Koko, hariho itandukaniro rinini! Mutegerezwa kuvuka ubwa kabiri.Mutegerezwa kugira uburenganzira bwo kuvuka.

Yakobo uko bari kumucokora kwose ntacovyari bitwaye. Yama yifuza ubwo burenganzira bwo kuvuka, kandi uburyo bwoseyari gukoresha kugira ngo aburonke bwari bwiza kuri we.

50 Abantu benshi ntibitaho kuronkauburenganzira bwo kuvuka kubera bibaza yuko ivyo vyohava bituma abantubatakibemera. Ntibashaka gupfukama ku gicaniro maze ngo barire na gatoya, cankengo biyime ikindi ico ari co cose. Ivyo ntibababishaka. Abagore benshi baratinyagusa ko barize bohava bahanagura amarangi bisize, maze bikabasaba gusubirakwisiga ayandi... Ibi sindabivuze kugira ngo ndabafate nabi, ndizigira yukoatari uko muvyiyumvira, ariko ni ukuri. Ntibabishaka. Ntibashaka kuvuka ubwakabiri, kubera ukuvuka ubwa kabiri gutera ishishi n'umwanda, nk'uko bimezembere ku kuvuka ukwo ari kwo kwose. Ukuvuka kwose gutera ishishi n'imyanda, ahokwobera hose. Haba ari mw'iyororero ry'ingurube, ry'inka, canke mu cumbac'ibitaro gisharijwe kandi gicapuyeko amashurwe, gutera umwanda.

Gurtyo rero, ukuvuka ubwa kabiri hari ivyokwonona. Amen! Ivyo bizotuma mukora ibintu mutokwigeze mwiyumvira gukora;muzoja mu mayira abiri muhavugirize ingoma muririmba muti: « Icubahiro kibeic'Imana! Haleluya! Imana ishimwe! Icubahiro kibe ic'Imana!» Muzomerank'abasazi. Ku ntumwa ivyo ni vyo kwazanye; kuri ya nkumi Mariya, ivyo ni vyo kwazanye:yabaye nk'uwaborewe! Ageze mu bantu babura amahoro, ariko hategerezwa kubaumuvurungano kugira ubugingo bushobore kuboneka. Amen!

51 Iyo urubuto rudapfuye ngo rubore, ubugingontibushobora kuboneka. Iyo umuntu adapfuye ngo abore ku vyiyumviro vyiwe,Kristo ntashobora kwinjira mu mutima wiwe. Nimwiyumvira muti: « Ubu rero ngiranje ku gicaniro, maze mvuge nti: «Ego Mwami, ndi umuntu mwiza, ndakwemeye.Nzotanga ibigiracumi. Nzokora ibi n'ibi... » Ivyiyumviro vyanyu bitegerezwagupfa bikaborera aha nyene! Reka Mpwemu Yera abafate ukuboko maze abagenze ukoagomba, maze hagire ivyo yonona muri mwebwe. Ivyo biboneka ko ari bibi cane,ariko si ikizira, ni ukuri, ni bwo buryo bwonyene nzi bwo kubumvisha ibi bintu.

Mbegantivyari ibitsitaza n'umuvurungano, ku Bayuda b'abanyacubahiro kubona wa musiba bantu basohoka badebagura? Murazi ico ari co kudebagura? "Uh, uh, uh, uh,uh, uh...?..." Bavuga mu zindi ndimi kandi bameze nk'abantu baborewe. Neza naneza, ni vyo bakoze. Vy'ukuri ivyo vyaboneka nk'umuvurungano.

Abantubaravuze bati: « Ubwo aba bantu ntibaborewe igisama?"

52 Arikoumwe muri bo ari we Petero, akenge kagarutse, aravuga ati : « ... Ibinimubimenye, kandi nimwumvirize amajambo yanje, aba ntibaborewe nk'ukomwiyumvira, kuk'ubu ar'isaha zitatu z'umusi. » Ariko aha, iyi ntumwayishimikiza Icanditswe kivuga ngo: « Arikoivyo n'ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana Yoweli, ati bizoba mu misi y'iherezo, ni kw'Imana yagize, nzosuka Mpwemu wanjeku bari n'umubiri bose.»

Uko ni koIshengero rya mbere ryavutse. Ni bangahe bizera ko Imana itagira iherezo? Rero,ntishobora

guhinduka! Kandi namba uko ari kwo yagomba ko Ishengero rya mbererimera, kw'iherezo hazoba hari Ishengero risa n'irya mbere. Ntishoboraguhinduka. None rero mwoshobora gute kugusubiriza no guhana ukuboko, cankeugusukako utuzi, canke ikindi kintu cose kitakozwe muri ico gihe? Intumwa zosezamye zibigarukako.

53 Igihe Mpwemu Yera yamanukira ab'inzu yaKoruneliyo, Petero yavuze ati : « Mbegahar'uwoshobora kwima amazi y'umubatizo abahawe Mpwemu Yera nkatwe tugitangura?» Avuga ko babatizwa mw'Izina ry'Umwami Yesu; ni ukuri.

Paulo yaragiye maze asanga abantu bariko baravuza akaruru bibereye mu bihe vyiza; ariumugwi w'ababatiste bariko baratazira Imana. Aravuga, Ivyak.

ati: « Mbega mwarahawe Mpwemu Yera igihe mwizera? »

Barishura bati: « Ntitwari bganavyumve yuko Mpwemu Yerayatanzwe. »

Nawe ati: « None mwabatijwe umubatizo ki? »

Baca barishura bati: «Twabatijwe na wa mugabonyene yabatiza Yesu, ari we Yohana-Umubatizi. »

Arababwira ati: « Burya, ivyontibigihagije. » Murabibona? Petero yari yabitahuye ku musi wa Pentekote. Yariafise urupfunguzo.

Arababwiraati: « Ivyo ntibigihagije, mutegerezwa gusubira kubatizwa. »

Nuko rero baca bongerakubatizwa, ababatiza mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo. Abarambikako ibiganza mazehaca hasubira kuba nk'ivyabaye ubwa mbere; Mpwemu Yera abazako, maze batangurakuvuga mu ndimi no kuvugishwa.

54 Ng'uko uko ishengero ryagumye riri muriico gihe cose. Ivyo vyatanguye aho mu ntango.

«Ndazi ukwihangana kwawe. » Urihangana muburyo budasanzwe, ndabizi. Ariko wibuke yuko ndi umwe agendagenda hagatiy'ibiterekwako amatara. Ndazi ukwihangana kwawe, ibikorwa vyawe n'ubutamebwawe, urukundo rwawe, n'ibindi. Ndazi ivyo wakoze vyose. Kandi ndazi yukowagenzuye abiyita intumwa n'abavugishwa (atari bo) usanga ni abanyabinyoma.»Oh, ntiyacishije ku ruhande, si vyo? Ayo majambo ntamparurwako, ni We yavuze koari abanyabinyoma.

55 Ariko Bibiliya ivuga iti: « Mugenzure umuntu. Muri mwebwe ni haba uw'impwemu cankeumuvugishwa, jewe Uhoraho, nzomwihishurira. Nzovuganira na we mu kwerekwa no mundoto. Kandi ivyo avuze ni vyaba, muzoce mumwumvira, kuko nzoba ndi kumwe nawe.Ariko ivyo nibitaba, ntimukamutinye, kuko ata Jambo ryanje azoba afise. »Murabona, ni vyaba ari Ijambo ryanje, ivyo bizoba.

Rero, barabonye yuko abo bantu batitwarank'uko Bibiliya ivuga. Murabona, baragerageza kugira ikindi kintu (ndagomba komuguma muvyiyumvirako ubu, kuko mu kanya tugira dushike ku kintu nyamukuru).Avuga ati : « Ndazi ibikorwa vyawe,n'ubutame bwawe n'ukwihangana, kandi yuk'udashobora kwihanganira ababi; kandiko wagenzuye abiyita intumwa kandi atari zo... »

56 Nk'uko nabivuze ngitangura, imbere y'ukodutangura iki cigwa, ikanguro ryose ryama rivamwo amahasa. Umwe aba uw'impwemu;uwundi akaba umuntu w'umunyamubiri, w'isi: «Nifatanije n'ishengero, na jewe ndimwiza nk'uwo ari we wese.» Ico ni co iryo kanguro ryavuyemwo. Uko ni ko bimerakw'ikanguro iryo ari ryo ryose. Ni vyo Luteri yazanye, ni vyo Ireneyo yazanye,ni vyo Maritino yazanye, ni vyo Colomba yazanye, ni vyo Wesileyi yazanye kandini vyo Pentekote yazanye. Ni ivyo!

Murabona ingene bagumye batera imbere?Barubatse amashengero yabo, kandi barazimiye gushika aho bubaka izo nyubakwanini kandi nziza, kandi (Oh Mana yanje!), barahaguruka bagasubiramwo inamay'abatumwa. « Ndemera Ekleziya Katolika nyeranda y'i Roma, isangirary'aberanda...» Uwo wese yizera isangira ry'aberanda ni umupfumu. Uwusangiran'abapfuye wese ni uwa wa murwanizi. Ni ukuri kwuzuye. Hari umuhuza hagatiy'Imana n'umuntu, ni Yesu Kristo Umuntu.Ni ivy'ukuri. Ni vyo Petero yavuze, kandi mwebwe, bakatolika bakundwa muvuga koPetero ari we mupapa wa mbere, we yagendanye na Yesu!

57 Paulo avuga ati: «Nta wundi muhuza hagatiy'Imana n'umuntu.» Uno musi, bafise abandi bahuza ibihumbi cumi! Ni kubera ikiishengero ryahindutse cane, niryaba ritihenda kandi ridahinduka? Kandi imisazanyu zose zisomwa mu kilatini kugira ntihagire igihinduka. None habaye iki?Inama y'abatumwa mwayikuye hehe muri Bibiliya? Namba hari nemera intumwa zarizifise, yari: «Nimwihane, umuntu wesemuri mwebge abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo kugira muharirwe ivyaha vyanyu.»Sinigeze numva bavuga ko bazi iyindi nemera canke ko basubiyemwo ikindi kintu.

58 Arikomu vyerekeye «Ishengero Ryeranda ry'i Roma», n'ibindi, «Imana

Data ishobora vyose yaremye ijuru n'isi... » Ni ubupfu! Ni ivy'ukuri!Ntibiri muri Bibiliya. Muri Bibiliya

ibintu nk'ivyo nta biriyo. Ni nemerayarementanijwe n'umuntu. Kandi n'ivyo bisabisho n'ibindi, ni ikintucarementanijwe.

Twinjiyemuri ivyo, turabona uno musi yuko abaporoti bacu bakomoka neza na neza kuri bo.Kandi nk'uko Billy Graham yabivuze : «Abantu babaye mu kinyoma gushika n'ahobibaza ko bari mu kuri kandi bari mu kinyoma.» Ni ivy'ukuri. Ni ukuri. Koko,ndazi yuko Billy Graham na Georges Jefferies baherewe rimwe Mpwemu Yera, ariko umusiumwe azobivamwo. Imana ubu iriko iramukoresha, kubera ashobora kunyiganyizaivyo bice birimwo abanyavyaha, aho ata muntu n'umwe wundi kumbure ashoborakwinjira. Ariko murashobora kubona ko hari ikindi kintu inyuma y'Ubutumwabwiwe, bitewe na bamwe bo muri abo babatiste bahana amaboko. Nta nkeka!

59 Ubu rero :

«Ndazi ibikorwa vyawe,...n'ukwihangana kwawe,...kandi ko udashobora... »

Reka ivyo tubirabe neza :

«Ndazi ibikorwa vyawe n'ubutame bwawe,n'ukwihangana kwawe, ... yuk'udashobora kwirengagiza ababi; kandi wagenzuyeabiyita intumwa kand'atari zo, usanga ni abanyabinyoma...»

Yasanze ari abanyabinyoma. Yabimenye gute?Ntibari bahuje n'Ijambo!

Iyo umuntu avuze ati : « Iyi Bibiliyaivuga mu Baheburayo 13 : 8 yuko Yesu Kristo uko yari ejo, ariko akiri n'uyumusi kandi ariko azohora n'ibihe bitazoshira », maze akavuga ati : « igihec'ibitangaza cararenganye», uwo muntu ni umubeshi.

Iyo Bibiliya ivuze iti : «Mwihane kandiumuntu umwe wese wo muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo kugira ngoabone guharirwa ivyaha vyiwe », ko hose ivuga bimwe, kandi ko bose abababatijwemu bihe vya Bibiliya babatijwe mw'Izina rya Yesu Kristo - rero, uwubategekakubatizwa bajojoterejweko utuzi canke ikintu cose kimeze nk'ivyo, uwo muntu niumubeshi, kandi yiyerekana ko ari umuvugishwa w'ikinyoma.

Ndizigira yuko ntabatsitaza, ariko beneData, igihe ntikikiri ico gufyina; harageze ko mukura ibirato vy'intokemukakiriza Ubutumwa bwiza ibiganza bisa. Murabibona? Ni ukuri!

60 Nimunyereke ikintu kivuguruza ivyo.Nimunyereke aho umuntu yabatijwe mu bundi buryo atari mw'Izina rya Yesu,kiretse ishengero rya Katolika. Nimwaba mwabatijwe muri ubwo buryo, ntimurimw'ishengero ry'Abakristo, muri mw'ishengero Katolika kubw'ibatisimu mwahawe.Mu kinyamakuru cabo citwa «Sunday visitor», barabaza ikibazo mw'ikatikisimu bati : «Hari Abaporotibazokizwa?», bakishura bati : « Ego, benshi, kuko babatizwa nkatwe, n'ibindibintu bisa birtyo. » Bavuga bati : «Biyitirira Bibiliya kandi Bibiliya ivugakubatiza mw'Izina rya Yesu Kristo, iryo twakuyeho tukarisubiriza : Kw'izina rya Data, ry'Umwana n'irya MpwemuYera, kandi baravyumvira.» Koko! Murabibona? Si umubatizo w'abakristo, niumubatizo w'abakatolika!

Kuri wa mugoroba mwarumvise ngo : « Mwabatijwe umubatizo w'abakristo?» Umubatizow'abakristo, wa Kristo, wa YesuKristo - kandi atari mu

ritazirano kanaka!

61 Ubu rero umurongo wa 3. Neza cane, umurongo wa 2n'uwa 3. Ubu rero umurongo wa 3:

«... kandi ugira ukwihangana wirengagijeivy'ugirirwa kw'izina ryanje, ntiwacobogora. »

«Kw'Izinaryanje » Mwabonye ko bari bafise ukwihangana? Babababajwe bahorwa iki?Bahorwa Izina ryiwe. Murabona ingene iryo Zina ryagumye riri muri iryoshengero? Kandi ubu rero nimurabe ingene, mu ndwi hagati, tuzobona ingene iryoZina ryagiye rizimangana buke buke rigaheza rigahinduka irindi zina. «ugiraukwihangana, ugira ubutame n'ibindi kubw'Izina ryanje. » Barababajwe bahorwaIzina ryiwe.

Kugira tugumize Izina rya Yesu Kristohejuru ya buri shengero, hejuru y'ibintu vyose, tumuhe ikibanza ca mbere.Bibiliya ivuga iti : « Ivyo mukora vyose,mu majambo canke mu bikorwa, mubikore vyose mw'Izina ry'Umwami Yesu.» Nambamugomba guhezagira ubugeni, hagati y'abashimanye hakaba hari ikitagenda neza,ntimubaraganishe! Murabitahura? Namba mudashobora kuvuga mwisanzuye muti :«Ndabarekuye mubane nk'umugabo n'umugore mw'Izina rya Yesu Kristo», mucemubareka bigire! Neza cane. Namba mugomba kubatiza umuntu, mubatize mw'Izinarya Yesu.

62 Namba hariho ikintu mutokora mw'Izina ryaYesu; ntimukagikore! Iyo umuntu avuze ati : « Ingo unywe akarahuri! », ivyontimushobora kubikora mw'Izina rya Yesu, rero ntimubikore! Umuntu ababwiye ati: «Dukine amakarata!» Ivyo ntimushobora kubikora mw'Izina rya Yesu, rerontimukabikore! Mu rukino rwanyu rw'amakarata ntimushobora kuvuga agakurugatwenza gateye isoni mw'Izina rya Yesu; rero, ntimukabikore! Ntimushoborakwambara uduhuzu tugufi tugufi mw'Izina rya Yesu; navyo nyene

ntimukabikore!Noshobora kubandanya ariko murazi ico ndiko mvuga. Ni uko. Ivyo ntimushoborakubikora! Ico mudashobora gukora mw'Izina ryiwe, ntimukagikore! Kubera yavuzeati : « Ivyo mukora vyose, mu majambo canke mu bikorwa mubikore vyose mw'Izinary'Umwami Yesu.»

63 Ubu, tugiye…Ni…Yarabibategetse.Ubu ngiye kuvuga ikinegurwa mu gice ca 4…nako ku murongo wa 4.

«Ariko mfise iconkugayako, yuko waretse urukundo rwawe rwa mbere.» (oh!). Mfise iconkugayako.

Umurongo wa 3 : «...kandi ugira ukwihangana, wirengagije ivyo ugiririrwakw'Izina ryanje, ntiwacobogora arikomfise ico nkugayako... » Mbeganticoba ari ikintu ciza kuri rino Hema uno musi? Vy'ukuri! « Ivyo wakoze nivyiza cane, kandi warihanganye cane maze ubabazwa igihe kirekire...Wagiye kuruhande mw'Izina ryanje. Ivyo ndabigushimira. Ni vyiza cane. Kandi wagenzuyeabiyita intumwa, canke ikindi kintu usanga ni abanyabinyoma. Ntibahuyen'Ijambo. Ivyo vyose ndabishima. Ariko mfise ico nkugayako, yuko waretse urukundorwawe rwa mbere. Waretse rwa rukundo wari ufise ubwa mbere rwa vya bikorane vyambere vya Mpwemu Yera, maze utanguye gusubira muri iyomigenzo, none uzanye za « Data wa twese... » Mbega ubusazi, murabona!

Oh, uwo murwi mu kuririmba barindakwambara ikanzu ndende, aho usanga bose ari gusiga inzara, guhindura imishatsi,no kwisiga amarangi. ...kandi ku vyerekeye ingene baririmba, nshimye kutagiraico ndabivugako.

64 Nta gihe kinini kihaciye, hari akarwi k'abantu nategerezwa gusohora, iyo kitaba ariigikorane ca Oral Roberts! Nari mu nama y'abikorera utwabo b'abakristo. Ni jewenari kuvuga Ubutumwa kuri uwo musi ku mugoroba. Ntibashobora kugirira icogikorane mw'ihoteri, ni co gituma bari batujanye mu nzu ya Oral Roberts. Mugihe nari nicaye mu biro vya Oral, hariho umurwi w'imisore n'inkumib'abapentekote; bari hagati ya mirongo itatu na mirongo ine bagira baririmbeaka...gatoya. Vyasa nk'uko ari umwe muri ba bantu Becky akunda kumbariraatanguye kuririmba, Tchaïkowsky canke ikintu nk'ico. Sinzi, indirimbo nk'izo,indirimbo zigezweho. Mu gihe bene Data bariko baratoza amashikanwa muri iyonyubakwa, umwe wese muri abo bana b'abafyinyi yari afise agakombe k'icayi kandibakigira nk'abatabona, bavuga ubwoko bw'ibitwenza vyose, abahungu n'abakobwabakwegana kandi bavuga ivyo mutokwigera mwibaza. Kandi irangi abo bakobwa baribisize mu maso, ryari gushobora gusubira gusiga inyubakwa ya Oral! Kandi abobantu biyita ngo ni «Abapentekote!» Baribararetse rwa rukundo rwabo rwa mbere!

65 Ndahuzaneza cane na David Duplessis, hamwe ahora avuga ati: « Imana ntigira abuzukuru.» Abametodiste barafise abuzukuru, Ababatiste barafise abuzukuru. Twebweturafise abuzukuru b'abapentekote. Ariko Imana Yo, ntabo igira! Muri abahungun'abakobwa. Mu kwinjira, ntimushoborakwiyitirira so canke nyoko, mwitwaje ko bari abagabo n'abagore bameze neza;mutegerezwa guca aho baciye. Mutegerezwa kuvuka nka bo. Habe namba, Imanantifise abuzukuru. Uri umuhungu canke umukobwa; nturi umwuzukuru; haba na mba!

66 Naragiye mu gikorane mu rusengero rwizarw'ikoraniro rya pentekote. Ntimwari kuraba ingene abo bagore bashwiragira,igihe bambona ninjiye; utwo duhuzu tugufi tugufi, bimwesheje umushatsi, basa n'abarigusa, impuzu zabo zarabafata ku mubiri nk'isosiso yakorewe i Vienne! Abagoreb'abapentekote bambaye mu buryo butirimutsa!...

Ivyomuzovyishura ku musi w'urubanza! Icaha c'ubusambanyi kirabagira. Yesu yavuzeati : « Umuntu wese araba umugore akamwifuza aba amaze gusambana na we mumutima wiwe.» Kandi iyo mugiye imbere y'umugabo mumeze uko, icaha cagira nde?Wewe canke uwo mugabo? Muvugishe ukuri! Mwirinde mbere n'ishusho y'icaha. Murabitahura?Ni uko!

67 Hokorwaiki? Baretse rwa rukundo rwabo rwa mbere. Oh, ntimwoshoboye kubajana kumasanganzira n'akagoma kugira bakavugishe iminwe maze baririmbire Imanaamashimwe. Oh, oya! Bakunda kuririmba indirimbo zigezweho, bambaye amakanzumeza y'imigwi y'abaririmvyi. Murabona, bararetse rwa rukundo rwabo rwa mbere. Ivyo ni vyo bitagenda nezamw'ishengero rya mbere. Murabibona?

Ntibashoborakureka gukora nk'ab'isi. Ntibashobora kureka kwambara nk'ab'isi, kubonekank'ab'isi, ngo bakore nk'ab'isi. Kandi bafise umukinyi wabo bakunda wo mumboneshakure, ntibashobora kureka kumuraba. «We love Susie» canke ikintu nk'ico : ni ngombwa ngo bamubone. Hakobaja mu gikorane c'amasengesho, bazoguma muhira kugira bamubone. Uko biri kwosebazokwidoga kugira umwungere wabo abarekure kare kugira baje kuraba ibiganirobakunda. Urukundo bakunda ivy'isi ruruta urwo bakunda Imana!

Oh, babohewe cane mu migenzo ku buryobatovuga bati : «Amen!» Oh, ivyo vyoca vyonona amarangi bisize! Murabibona?Ntayo bafise. Oya! Ivyo, ni Pentekote. Si Ababatiste. SiAbaperesibiteriyano (ntibaranabishikako!) Ndiko ndavuga Abapentekote. Niivy'ukuri! Bene Data, ndazi ko ivyo biturwaza ariko turakeneye ko hagira ikintukiva muri ivyo. Hategerezwa kuzanwa urupfu, imbere y'uko haba ukuvuka.Murabibona? Ni ukuri! Ariko raba ivyo mugezemwo: mwararetse rwa rukundo rwanyurwa mbere! Jewe…

68 Namba Imana hari ico yagaye ishengero ryambere, irafise n'ico igaya ishengero ry'ubu!«Ariko mfise ico nkugayako yuko waretse rwa rukundo rwawe rwa mbere. Mfise iconkugayako, ni co nkugayako. Ubwa mbere wagize ibihe vyiza, ariko wararetseivy'isi bitangura kukwinyegetezamwo maze uca utangura kugendera mu migenzo.Wazigamye Izina ryanje kandi wama ukora ibintu bitunganye, kandi ufiseukwihangana kwinshi n'ibindi kandi uratama ariko umeze nk'indogoba, uratamagusa maze ugakora ibikorwa.

Oh, murabona: «Waretse ubuntu, ukwizera n'inkomezi zo kwihanganira ubutame n'ibikorwa.» -Mwene Data Branham, ni jewe ndabikubwiye, ndafasha abapfakazi bose nshoboyegufasha. Ni ikintu ciza, ndagushima kubw'ivyo. Ariko rwa rukundo rwa mberemwari mufise kera ruri he? Uri he wa munezero mwahorana? Igihe kimwe, Dawidiyarasemereye ati : «Ewe Uhoraho, ngarukanira umunezero w'agakiza kanje!» Vyabikorane vy'amasengesho vyamara ijoro ryose biri hehe, ya mosozi yatembera kumatama yanyu? Mbega ukugira neza kw'Imana! Bibiliya zanyu ziriko umukungugukandi ibitangurirwa vyarazubatseko! Musoma inkuru z'abakundanye, ibinyamakurubo n'ibindi bintu bitandukanye; ibintu bitari bikwiye n'uko bemera ko bijaahabona kandi vyari bikwiye kuba vyiza bitawe mw'iyarara; hanyuma natwe,abapentekote, tukabitora, kandi tukabisimbirako turi benshi nk'ikigwi c'isaziku mwavu. Ni ivy'ukuri! Oh, tugirire imbabazi! Ico dukeneye, ni ukugaruka kurukundo rwacu rwa mbere! Kugaruka kuri Pentekote! Oh, birakwiye ko ndeka ikicigwa. Ni uko. Ariko, murumva ico ivyo bisigura : «Kuba ryarataye urukundorwaryo rwa mbere.»

69 Ubu rero, umurongo wa 5; ni imburi : «Niwibuke kandi wihane! »

Murabitahura?

«Nuko niwibuke aho wavuye ukagwa... (waguyewari he? Kuri Pentekote; waraguye gushika aho uri ubu; warasubiye inyuma)... wihane ukore ibikorwa nk'ivya mbere...(ugaruke kuri Pentekote)... Nutagiraurtyo, nzoza kuri wewe nkure igiterekwakw'itara cawe ahantu haco shiti wihanye.»

Mu yindimvugo, ni mwaba mufise umupasitori yuzuyemwo Imana, yuzuye Mpwemu Yera, kandimukagerageza kumutera ubwoba mumutunga urutoke muvuga muti : « Emwe hamweyogira ico avuga kuri ya makanzu yacu twambara turiko turaririmba; niyagira icoavuga ku marangi twisiga, nta kindi atari ukuzoca tumuca. » Ntibize vyirirwebirabagora, Imana izobikora imbere y'uko muronka akaryo ko kubikora. Hako uwomupasitori yemera guhesha, azoja kubwira Ubutumwa amabuye yo mw'ibarabara.Nimwaba mufise umupasitori vyukuri ababwira ukuri, mutegerezwa kwubaha Imanakandi mukaguma muri Mpwemu maze mugasenga Imana muzi yuko iyo bitagenda ukomwozimiye. Murabibona?

70 Ariko unomusi abantu babayeho nk'uko umengo nta kindi kihari atari iyi si. Ico mutazi niuko mufise ubugingo buzokwimurirwa ahandi. Aha kw'isi nyene ni ho mwerekaniraiyo muzoja umuntu aravye uko mubayeho n'ingene mwigenza mukamana akazikiran'ububi ariko n'aho biri uko mukama mwirukanga muja gusenga! Ese twogirirwaimbabazi! Murateye isoni!

Muratukishaivya Kristo. Mbega ivyo si ukuri? Mbega si vyo dukora?

Abadandariza inzoga mu kinyegero si bobateye ingorane ishengero. Si ivyo; ba maraya si bo bateye ingorane ishengero.Abantu biyita abakristo ni bo bateye ingorane ishengero. Turazi ico ari coumudandaza w'inzoga na maraya. Ariko bashiki bacu bambara nka ba maraya, ivyorero ni ibindi bindi; ivyo ni vyo vyonona ishengero. Iyo umuntu anyoyenk'umudandaza w'inzoga, ivyo ni vyo bigirira nabi ishengero. Biyita abakristo,kandi bagakora ivyo. Abantu baraba ingene mwitiririrwa iryo zina... «Umuntu weseavuga Izina ry'Uhoraho, ave mu kugabitanya. Nimwitandukanye na kwo! »

Oh,bene Data, turi kure rwose y'intumbero! Jewe, mwebwe, twese, turi kure y'icoKristo yifuza ko tuba. Kandi aha nyene, uno musi, ni ko kanya ko guheba ivyovyaha vyose bikunda kutwizingirako vuba tugasiganirwa ivyo twashizwe imberetwihanganye. Bavugabutumwa bene Data, ni ivy'ukuri. Ni ukuri kutagabanije.

71 «Ibuka kandi wihane, n'utagira urtyo nzokura umuco w'inyenyeri ahantu hawo. » Ahantuhawo ni hehe? Mw'Ishengero! « Arikonimutihana ngo mugaruke aho mwatanguriye, nzokuraho Umupasitori wanyu mazendamukure mu kibanza ciwe; nzomushira ahandi hantu aho azokwiragiza umuco wanjekandi awukayanganishe». Mbega si imburi ivugiwe ahabona?

Haragezeko amadini yihana. Harageze ko abapentekote bitandukanya n'abatari bake bo muncabwenge zabo, baheze babasubirize n'abavugabutumwa nka bamwe ba kerabazobabwira ukuri. Atari ba bagabo bakurakuranwa mu gutera abantu amashurwemaze bakishimikiza ishengero kugira ngo babarihire ivyo barya n'umushaharamunini, bitaho ivy'imico y'abantu, bakitwararika ivyo gusiganwa ku mafarasin'imisi mikuru yo gusangirira hamwe n'ibindi. Ni igihe co kugaruka ku ButumwaBwiza. Ntaco bitwaye naho mwoba bake : «Aho babiri canke batatu bazoba bakoraniye mw'Izina ryanje, nanje nzobandi hagati muri bo.»

«Wihane, ahandi ho nzoza nkureho igiterekwakw'itara cawe; maze ndakijane ahandikimurike. »

72 Ubu rero umurongo wa 6. Raba uwo tuja guhuriramwon'ingorane. Rero, mutihanye, azoza akureho umupasitori wanyu.

«Arikw'ic'ufise...»

Mwibuke. Ubu rero ibi ntibibacike. Ibi nivyo bija gufataniriza hamwe ibindi vyose, gushika mu gihe tugezemwo. Banzamumbabarire, mwese mwumva mumerewe neza? [Ikoraniro ryishuye riti : Amen! -Umw.]Murihuta?[Ikoraniro ryishuye riti: "Oya!" -Umw.] Nivyiza cane. Ni vyiza cane. Rero, mwongere munyihanganire akanya gatoya. [Mwene Data umwemw'Ishengero avuze ati : « Bandanya ijoro ryose! » -U]Rero…Ndabashimiye.

«Arikw'ic'ufise... » (Mbega none hari icobari bafise? Bari bafise iki?) ... nukowanka ibikorwa vy'Abanikolayiti, ivyo nanje nanka.»

«Uranka ibikorwa vy'Abanikolayiti.» Uwumusi, ndu mu biro vyanje hari ico nanditse kuri ivyo. Ndifuza ko mwumvirizamwitonze; hari impapuro zigisigaye. Ku murongo wa 6, hari ugushimagizwan'ukwemera ivyakozwe; hari ico Imana n'ishengero bari bahuriyeko; ni uko bankaibikorwa vy'abanikolayiti; birumvikana ko turiko tuvuga uruzabibu rw'ukuri,Ishengero nyakuri ryari mw'Ishengero rya Efeso.

73 Mwibuke nezako ishengero ryose rifise abakristo bishushanya n'abakristo b'impwemu. Ni yomahasa avuka igihe cose habaye ikanguro kandi baba muri buri shengero.Batanguriye muri iki gihe kandi ivyo biherera muri kirya gihe. Abishushanya,bahavuye babijana mu gihe ca Tuwatira, maze Luteri arongera avyigizayo. Uburero ivyo vyongeye gutangura. Murashobora kubona iryo dini ry'abishushanya? Nta tandukaniro rihari hagati yaryo na Katolika. Ni co kimwe! Idiniryose ryinjiyeyo riba rigiye gupfa. Imana ntiyigeze igira Ishengero ryayoidini. Ariko ivyo nyene ni vyo bagerageza gukora. Mwitegereze maze murabe yukoatari ivy'ukuri; ivyo bibereka ukuntu idini ryavumwe. Vyari ibintu bishasharitari rizi, ishengero ryo mw'isezerano rishasha. Murabibona?

«Ariko icoufise, nuko wanka ibikorwa vy'Abanikolayiti, ivyo nanje nanka. »

74 Umuzabibu w'ukuri waranka ibikorwavy'imigenzo y'Abanikolayiti, Imana na Yo ikavyanka. Ivyari ibikorwa mw'ishengero rya Efeso, vyaciye bicika inyigisho mw'ishengero rya Perugamo.Muri Efeso ari ryo shengero rya mbere, vyari ibikorwa; mw'ishengeroryakurikiye, ivyo vyaciye biba nk'inyigisho. Ubu rero murabitahura? Cariigikorwa muri Efeso, kandi murabona, aha i Perugamo vyaciye bicika inyigisho.Ivyo vyatanguye hano bisa nk'uruhinja.Mu kanya turaja kuraba uko vyari bimeze. Abo ni bo ya mabingira Paulo yavuga, «ibikorwa vy'abanikolayiti.»

75 Dusuzumeiryo jambo kugira tumenye ico turisangamwo imbere y'uko tugera kure. Ijambo«Umunikolayiti », ni ijambo rishasha kuri jewe. Nafashe za kazinduzi zosez'ikigiriki nashoboye kuronka. «Umunikolayiti» kivuye mw'ijambo « Niko »n-i-k-o. Nibaza ko nanditse ngaha : «Umunikolayiti » : Kunesha cankegukandamiza abanyeshengero. Ico bakora, kwari ukugerageza kwigarurira ishengeroiryo Imana yari yarashizemwo abungere, kandi aho Mpwemu w'Imana yagendagendanaimpano mw'ishengero ry'Imana nzima; maze baca bashiraho inyigisho izotumabagira Abapatiri, Abasenyeri, Abapapa, n'ibindi. Ivyo, Imana yavuze ko ivyanka!N'uno musi iracavyanka. «Abanikolayiti», « niko » «kunesha» canke «gukandamizaabanyeshengero», abanyeshengero ni ryo shengero? Ni bangahe bazi koabanyeshengero ari ryo shangero? Ni ivyo! « Gukandamiza canke kunesha gufataingingo mu kibanza c'abanyeshengero.»

76 Mu yindi mvugo, gufata ivyera vyose,ububasha bwose bw'ishengero, maze bakabizeza abapatiri; ngo : « nimurekeikoraniro ryibereho uko rigomba, ariko umupatiri ni we mweranda. » Mpwemu Yeran'ibitangaza bimuherekeza bakabishira kure y'abantu; ivyo bakabibaka kugira ngobabahe ubupatiri bweranda. Bashira kure Mpwemu Yera maze bakamuguzan'ubupatiri. Murabona uko vyari bimeze?Muri iri shengero vyari ibikorwa; mu nyuma vyacitse inyigisho; Tuwatira na ho,ivyo vyaciye bishinga imizi. Mu nyuma ya Luteri ivyo ntivyari gushobora kugumamu mpwemu y'Ukuringaniza ukundi gusha ivy'ugusenga, maze vyose bisubira kubank'uko vyari biri ubwa mbere, harimwo abasenyeri, abakaridinari, abasenyeribakuru, n'abandi bagiye baganza. Ni nde mw'isi aganza Ishengero ry'Imana, atariYo nyene? Amen! Oh! Numva nuzuyemwo uguca bugufi cane! Mpwemu Yera yarungitswekugira arongore Ishengero; atari ukugira arongore umuvugabutumwa gusa, arikon'ikoraniro ryose... Umweranda si umuvugabutumwa gusa, ariko ishengero ryoserirafise Mpwemu Yera.

Aho gukora ivyo, aho kugira Mpwemu Yera,bafashe agahosiya, igisuguti cumye, hamwe n'akavinyu, maze ivyo bakavyita«Ukaristiya Nyeranda », bisigura ngo « Mpwemu Yera » Bishoboka gute ku bantu koigisuguti n'akavinyu bica biba impwemu? Mwategerezwa rero gusoma ivyakozwen'intumwa 2 nk'uku : «Igihe wa musi wa Pentekote washika, umupatiri w'umukatolikaw'i Roma yarashitse maze aravuga ati : Sohora ururimi, maze aca arushirakoihosiya, anywa umuvinyu, maze aravuga ati : ubu, rero murafise Mpwemu Yera!»Turibaza yuko biteye ubwoba kuvyemeza. Ni ivy'ukuri!

77 Reka tubandanye. «Narambitsweko ibiganza ngontangure gukorera Imana ndi mw'ishengero ry'ababatiste. » Reka dufateababatiste. Murabibona? Dukore iki? Niwatura ko Yesu Kristo ari umwana

w'Imana,uzokizwa.» Amadayimoni aremera ko ariUmwana w'Imana, kandi agahinda agashitsi; nta nkeka ko amwemera kurushaabanyeshengero benshi!» Amadayimoni na yo aravyemera, kandi agahinda agashitsi,kuko azi ko yaciriweko iteka.

Uburero reka turabe uko Abametodiste bagendera mu migenzo. Bavuga bati : «Yohanantiyabatije, yasutseko utuzi.» Bavuga bati : « Hari imyobo myinshi y'imbebayuzuye amazi. Kandi yari afise ikibarara c'igifyera co mu mazi maze adaha amazimu mwobo w'imbeba.» Kandi vyukuri ivyo bakavyigisha! « Kandi yayoresheje amaziikibarara c'igifyera co mu mazi hanyuma araheza amija utuzi ku bantu. » Mbegaubupfu! Oh, bene Data!

78 Ni uko. Reka turabe kandi ubundi buryo bwo gukora.«Umusi wa Pentekote ushitse, bose bari bakoraniye hamwe, bahuje umutiman'inama. Umwungere yaraje araheza yigisha icigwa ciza, avuga ati : "Emeradufatanye, maze turaheza twandike izina ryawe mu gitabo." »

Ivyo si vyiza, si vyo?Ntimuzonabisanga no muri vya bitabo vyanyu bivuga ivya kahise; barabizi nezakubarusha. Ca gitabo ca kera kivuga inkuru z'imisi mikuru y'abagore kiratomoraibintu gusumvya ivyo !

Ivyorero vyatumwe n'iki ? Ni impwemu y'ikinikolayiti, yinjije umurwi w'abantukugira bagoreke Ivyanditswe baheze bagire idini ritazoreka ngo Imanairikoreremwo ! Rica ripfa ubwo nyene. Ni co gituma ivuga iti : «Warapfuye!Uvugwa ko uri muzima, ariko ur'uwapfuye.» Benshi barapfuye ariko ntibabizi.

79 Umusiumwe, nagiye kuroba ndi kumwe na mwene wacu. Twari tukiri abana. Ndoba «ikinyamasyo », ndagica umutwe, maze ndagikura kw'igera kuko sinashaka kokintesha umwanya ; nca ndagita epfo, kw'isesero. Mutoyi wanje yaciye aza ahondi, maze arambaza ati : « Ni igikiuhejeje gufata ? »

Nanje nti: « Ikinyamasyo. »

Arambwiraati : « Wakigenjeje gute? »

Ndamwishuranti : « Nagishize hariya, umutwe waco na wo uri hariya.»

Yaciyeajayo maze arambaza ati : « Coba capfuye ? »

Nanje nti: « Nta nkeka ! Nagikuyeko umutwe, nta nkeka ko capfuye. »

Hanyumaafata inkoni maze atangura gusunurira uwo mutwe w'ikinyamasyo mu ruzi. Kandiigihe yabikora, ico kinyamasyo caciye gicakira inkoni. Murazi, harinda haheraisaha imwe canke zibiri bikiryana. Aca arasimba asubira inyuma, avuga ati : «He ! Nari nzi ko wavuze ngo capfuye ! »

Ndamubwira nti : « Capfuye. »

Nawe ati : « Rero, ntikibizi ! Oya»

Ukoni ko abantu benshi bameze: barapfuye ariko ntibabizi! Abanikolayiti! Oh,yaravuze ati: «Ivyo uravyanka »… abapatiri beranda,

Abakaridinari beranda,Abasenyeri beranda…

80 Kandibenshi bo muri mwebwe abapentekote muvuga muti: « Duhamagare uwuhagarariyeishengero. Ni we azobabwira ko bishoboka ko mugira igikorane co gusengeraabarwaye canke ko mworeka.» Haleluya ! Mpwemu Yera ari We Jambo w'Imanaahoraho, ni We akwiye kuvuga ivyo.

«Rero,mwene Data Branham, turizera yuko Bibiliya yigisha neza kubatiza mw'Izina ryaYesu, ariko uwuhagarariye ishengero yavuze yuko hamwe twovyigisha mw'ishengeroryacu yoca aduca twese. » N'aho bimeze uko bikore ! Ni ivy'ukuri ! Hako nocibwahariya notuma ncibwa ino. Uko biri kwose nimwagira ico mushibura ino,muzoshiburwa iyo mw'Ijuru, ni co gituma iciza wotuma ucibwa ino. Namba inobabaciye, iyo mw'Ijuru muzokwinjizwa. Vyama ari co kimwe ; gurtyo rero,nimugumane n'Ijambo.

Dukeneyegukora ibiroranye. Oh, ni ikintu gihambaye bene Data. Ivyo dukwiyekubitunganya. Ntituzokwigera dushobora kuronka Ishengero Imana itabanjegutegura urufatiro izorishingako. Ntizokwigera ishinga Ishengero ryayo ku bintuvy'ubupfu. Itegerezwa kuza kw'Ijambo ryayo, canke ntiyigere iza; itumbera Ijambo ryayo.

81 Ntagihe kirekire kihaciye hari uwumbwiye ati : « Mwene Data Branham, urahagarara iChatauqua.» Ni bangahe bari mu gikorane c'i Chatauqua ? E, ica gatatuc'ishengero canke barenga ni ho bari bari…Ni ho rero uwo mugabo yahaguruka,kuri uwo muhingamo, kandi mwaramwumvise ; ntiyari azi yuko nobimenyeshejwe.Imana irashobora guhishura mu cumba co hejuru ibivugirwa mu co hasi, kandimurabizi, ni vyo yakoze. Yaciye ahaguruka avuga ati : « Mwene Data Branham niumukozi w'Umwami. Iyo Mpwemu ari kuri we, aba ari Uwuvugishwa n'Imana asizwe,kandi arabimenya vyukuri kuko Imana imubwira ibiriho n'ibizoba ; ariko kubijanye na tewolojiya yiwe ntimumwumvirize ! »

Mbegaiciyumviro kigoretse ! Umuntu ashobora gute kuvuga ivyo ? Naho mwoba mutazikubona itandukaniro riri hagati y'ubushaza n'intete z'ikawa, mwomenya ibirutaivyo. Ikintu nk'ico bashobora kuciyumvira gute ? Kubera iki ? Ijambo «Uwuvugishwa n'Imana » ubwaryo risigura « uwuhishura Ijambo abihawe n'Imana. »Ijambo ry'Uhoraho ryaje ku wuvugishwa na We. Sinigeze mvuga ko ndi we ; ni bobabivuze. Ni uko! Murabitahura ?

82 Bumira ku nyigisho ntoyi y'ishengero iriahantu hamwe kubera ko idini ryabo ritohuza n'Ijambo ! Kugurisha ivy'ukubaSamuragwa kwawe kubwo umufa w'imboga ataco umaze, ewe Esawu, wa ndyadya wew'umurushwa ! Ni ivy'ukuri ! Kugurisha ivy'ukuba Samuragwa kwawe kubwo isupuy'idini, isupu y'idini Imana yanka! Mwebwe muvuga ivy'amadini ; nimwibuke koImana ivyanka ! Ni co catandukanije bene Data kandi gikuraho ugufatanyakw'abavukana. Kuri uno mugoroba, hariho benshi mu bametodiste, mu babatiste nomu baperesibiteriyano, boshimye gusangira ku meza y'Imana. Ariko hamwebobikora, ubwo nyene boca bacibwa. Ni ukuri kutagabanije.

Ngo: «Mamayasengera harya » none ng'abo bacitse abuzukuru b'abahungu n'abakobwa. Oh, ahomama yasengera ntaco havuze ! Nyoko wawe yabayeho mu Muco w'igihe ciwe, namwe,mubayeho ikindi gihe.

83 Kera, haraciye nk'imyaka amajana atatu,ubushakashatsi bwaremeje, mu gufata akantu kiburungushuye bakakazungurutsa kumubumbe, ko «hamwe umuduga uwo ari wo wose wogenda ku muvuduko uteye ubwobaw'ibirometero nka mirongwine n'umunani, woca urekurwa n'isi maze ukazimirira mukirere. » Mwibaza yuko ivyo ubushakashatsi bukivyemera uno musi ? Bagendera kumuvuduko w'ibirometero 3057 kw'isaha. Ntibaraba inyuma kugira barabe ivyoabandi bavuze, baraba inyuma kugira bitaze maze babone neza imbere.

Ariko ishengero ryama rishaka kurabainyuma kugira barabe ivyo ba Wesileyi, Moody, Sankey n'abandi bavuze. Ibintuvyose birashoboka ku bizera ; turabe imbere rero ! Murazi ubwoko bw'igikokocama kiraba inyuma ? Ubuzima bwa nyuma bubaho ! Ni ubuhe bwoko bw'ubuzima buri hanyuma y'ubundi ? Igikere.Igikere ni co kintu kibaho gifise ubuzima bwo hasi cane hanyuma y'ibindi vyose.Kandi igikere kiraba inyuma. Sinkunda ubwo buzima bwa kera busuzuguritse.Nshaka kuraba imbere mfise ukwizera hamwe n'ukwizigira, ngendera mu Muco, kukona We ubwiwe ari mu Muco, amen ! Kuko atanga umuco.

84 Umusi umwe nariko ndagirisha igikoranemuri Kentucky, umutama umwe araza arambarira ati : « Sinizera ukwo gukizaindwara kuva Imana. »

Nanje nti : « Ni vyiza ; uri umunyamerika »

Arambarira ati : « Nizera gusa ivyo nabonye. »

Namwishuye nti : « Ni vyiza cane ! »

Nawearambwira ati : « Jewe ubwanje nta co dupfa na wewe ; ariko sinizera ivyouvuga. »

Nti : « Ni uburenganzira bwawe nk'umunyamerika,ntutegerezwa kwizera. »

Nawe ati: « Nemera ivyo mbonye neza gusa. »

Ndamubwiranti : « Ah, ni uko ? Utegerezwakuba uri uwo muri Missouri ! »

Ati : « Oya, ndiuw'i Kentucky. »

Naciyendamubwira nti : « Uko si ko abo muri Kentucky bameze. Ariko, uko biri kwose,namba ari uko wiyumvira, ibandanirize gurtyo». Ndamubaza nti : « Uja gutahagute i wanyu ? »

Nawe ati : « Ntegerezwa kurenga urya musozi. Mbainyuma yawo… ingo tujane muhira. » Yari umuntu ameze neza. Arambarira ati : «Ingo tujane muhira, urare i wanje mwene Data Branham! »

Nanje nti : «Vyari vyiza, ariko ngiye kwamarume.» Ndongera ndamubwira nti :

« Muhagenda n'imodoka? »

Ati : «Oya, ndaduga umusozi hariya hejuru,nshitseyo nce manuka mu mwonga hanyuma nsubire nduge, urazi yuko ari hariya.»

Naramubajije nti : « Uja gushikayo gute? »

Ati : « Mfata iriya nzira!»

Nanje nti : «Ariko, ntushobora no kubonaukuboko kuri imbere yawe,uja kuduga gushika hariya hejuru gute?»

Aranyishura ati: «Ndafise itara! »

Ndamubwira nti :« Ni vyiza uracana iryo tara, urarigendana?»

Na we ati : «Ego. »

Nanje nti : «Iyoucanye iryo tara urashobora kurifatira mu kirere gurtya?

Ndipfuza kubona inzu yawe. »

Aranyishura ati: « Ntiwoshobora kuyibona »

Nti : «None,urajayo gute? »

Nawe ati : «Ndacana gusa itara ryanje, kandi mu gihe nzoba ndiko ndabandanya, nca ngenderamu muco… »

Ndamubwira nti :« Neza na neza ni ivyo nyene. Amen! Gendera gusa mu muco ! »

85 Komeza gusamugenda. Ntimugume muhagaze, nta na hamwe mwoshika. Nimwaba mwarakijijwe,mutere intambwe mwinjire mu kwezwa. Mwovuga muti: «Twobishikako gute?» Bandanyamutera intambwe ! « Mbega umubatizo wa Mpwemu Yera uza inyuma y'ukwezwa ?Umuntu yowuronka ate ?» Mugume mugendera mu Muco. « Mbega ibimenyetso,ibitangaza, utwumiza… » Mubandanye mugendera mu Muco! Murabibona? Mubandanyegusa ! Igihe cose mutera intambwe, umuco uzokwigira hirya gatoya imbere yanyu,kuko yama imbere yawe. Ntisunika, irarongora. Ni Yo Muco. Oh, ivyo binteyeumunezero mwinshi! Mweho? Ni Umuco, muri Yo nta mwiza ubayo.

86 «Urankaibikorwa vy'abanikolayiti » Vyari vyacitse inyigisho. Ni nde yatanguje iryoshengero ? Ni Paulo; ishengero ry'i Efeso.

Ubu rero reka tugaruke ku gice ca mirongoibiri c'Ivyakozwe n'Intumwa, akanya gato. Ivyakozwe n'Intumwa, igice ca 20.Murizera ko Paulo yari Uwuvugishwa n'Imana ? Koko ! Nta nkeka ko yari we.Muribuka rya joro, igihe yerekwa muri ca gihuhusi bari ku kiyaga ? Hamwen'ibijanye n'ivyo. Ivyakozwe n'intumwa, igice ca 20 ; duhere ku murongo wa 27,maze mwumvirize neza mu gihe turiko turasoma. Ni Paulo uwuvugishwa n'Imanaavuga, abura ivyari bigiye kuba.

«Kuko ntacishije i ruhande mbabgira ivy'Imanayagabiye vyose. »

Mbega umuntu yahezagiwe ! Oh, noshimakuzoba ndahari kuri uwo musi kugira ngo mbone ashirwa ku mutwe igitsibo c'ukoyishwe ahorwa gushingira intahe Kristo. Ni haba hari ikintu condiza, ni ico !Nzosemerera mbonye Paulo !

KubonaPaulo mweranda, ya ntumwa ihambaye, Wa mutamana wiwe mwiza kandi ukayangana; Sinkekeranya (mweho ?) ko hazobaugusemerera Igihe tuzoba turi hariyatwese ?

Ubu rero, ngo :

«Kuko ntacishije i ruhande mbabgira ivy'Imanayagabiye. »

87 Mbega ni vyo ? Ubu, bakristo nimurabe ino,hari ico ngira ndababaze. Ni nde yategetse abari babatijwe ukundi atarimw'Izina rya Yesu Kristo kwongera kubatizwa ? Ikoraniro ryishuye riti : [«Paulo - U »] Yaravuze ivyo Imana yagabiye vyose.Mbega ni ivy'ukuri ? None Paulo avuga iki ? …Sindabizi neza, ariko kumbure nimu b'i Tesalonike 1 : 8. Ngo : « Ariko naho yoba ari twebwe canke umumarayikaavuye mw'ijuru, ababarira ubutumwa bunyuranye n'ubwo twababariye… ariko nahoyoba ari umumarayika avuye mw'Ijuru ababarira ubutumwa bunyuranye n'ubwotwababariye (ubundi atari ubwo kwongera kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo,ikindi uretse ubutumwa bwigishijwe na Paulo)…«Naho yoba ari umumarayika avuyemw'Ijuru… (Tubaye turaretse umusenyeri, umukaridinari, umugenduzi mukuru cankeumupasitori, canke ikindi cose nk'ico)… Naho yoba ari umumarayika avuyemw'Ijuru kugira yigishe ubundi butumwa butandukanye n'ubu, arakavumwa. » Niivy'ukuri ! None si vyo ? Ni vyo yavuze mu b'i Galatiya 1 : 8, ni ho nkihibuka.Ego, ab'i Galatiya 1 : 8, nimwaba mugomba kuhandika n'ukuraba ico Pauloyavuze.

88 Ndibazako ari aha ku murongo wa 27. Ngo :

«Kuko ntacishije ku ruhande mbabgira ivyo Imana yagabiye vyose. »

Murumvirize ibi, niivyavugishijwe.

«Mwirinde ubwanyu, muzigame n'ubusho bgoseMpwemu Yera yabashizemwo ngo mube abo kubuzezwa kugira ngo muragire ishengerory'Imana, iryo yaguze amaraso yayo»

Ni nde yariguze? Amaraso yari ayande? Bibiliya ivuga ko yari Amaraso y'Imana.Imana ikoresheje Amaraso yayo. Ni vyo ?

…muragireishengero ry'Imana, iryo yaguze amaraso yayo bwite.

Bibiliya ivuga ko twakijijwe n'Amaraso y'Imana. Ivyomwari mubizi ? Koko, ni vyo ivuga. Ni uko. Ngo :

«…muragire ishengero ry'Imana iryo yaguzeamaraso yayo. Ndazi yuko ninamara kuhava amabingira y'inkazi azobinjiramwoatababaye umukuku. Kandi no muri mwebwe ubganyu ko hazohagurukamwo … (murabona uwo mugabo ukuntu yashobora kubonera kure ivyo bintu ingenebizoshika)… muri mwebge ubganyuhazokwadukamw'abantu bavuga ibigoramye kugira ngo bakwegere abigishwa inyumayabo. »

89 [Agace katavuga kuri bande - Umw.]...Haheze imyakamyinshi, umugwi w'abantu bagomba kugira idini n'ugukuraho ivyera na Mpwemu Yeramw'ishengero, ngo bashireho abasenyeri abapapa, abapatiri, kugira… ngo ni bobazoba ari abera, maze ikoraniro rizoheze rikore uko bigombeye. Kandi bazohaamahera abapatiri kugira bakure abantu mu muriro kubw'ibisabisho vyabo n'ibindink'ivyo. Iyo ni yo nyigisho y'Abanikolayiti ! Imana yavuze iti : « Ivyondavyanka ! » Umvirize rero :

Turabe … mwombwira muti : « Vyukuri Imanayaravuze ko ivyo ivyanka ? »

Reka turabe ko ari vyo :

«Ariko ic'ufise n'uko wanka ibikorwavy'Abanikolayiti ivyo nanje nanka »

Imana irankaidini. Mbega ni ivy'ukuri ? Ubu rero murabona neza na neza ico bagira bakore,kandi murabona ivyo bakoze. Raba ko atari ko bakoze uko ibihe vy'ishengerovyagiye bikurikirana ! Imana iranka idini !

«Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abgiraamashengero.»

90 Ya mabingira Paulo yavuze yabaye Abanikolayiti. Bagerageza gushiraho ubuherezi busa n'ubuherezibw'Abalewi, bwari butandukanye rwose n'inyigisho yo mw'Isezerano rishasha. Amen! Akajambo « niko », ijambo ry'ikigiriki « niko » risigura gutsinda,kwigarurira » Kwigarurira iki ? Abanyeshengero, Mpwemu Yera. Bakuramw'ishengero Umwami Yesu yazutse, n'ibimenyetso n'ibitangaza mu bizera, kandi bagacababisubiriza umugabo yatowe biciye mu matora kugira abe umupapa, umukaridinariw'umunyamubiri, canke uwumukurira, bagerageza gukura Mpwemu Yera mubanyeshengero bakamuha urwego bita « Urwego rw'abantu beranda » bakabahakuganza abanyeshengero atari ukugira ngo babite « Pasitori », gisigura «umwungere », ariko kugira bamwite « Data ». Ariko Yesu yaravuze ati : « Kandi ntimukite umuntu n'umwe wo kw'isi Data.»Ico kintu kibi murakibona ? None twokoze iki ?

91 Oh, ese twohagarara kuri ibi bintu !Nagomba ko iyi migoroba yose tutoyikurikiranya nk'uku, nagomba guheberaumugoroba w'ejo igice ca 12 c'Ivyahishuriwe Yohana maze ndabereke umwe marayayicayeho, umwe maraya w'agahebuza. Kubera iki ari maraya ? Ni ukubera yakozeubusambanyi imbere y'Imana; yiyise umupfakazi, kandi yari nyina wa ba maraya.Ni vyo koko ? Ubu rero, turazi ko ari Uburoma buvugwa, kuko yari yicaye kumisozi ndwi, kandi vyose bikaba bihuye neza; afise igitigiri c'umuntu ari cogitigiri c'igikoko, n'ibindi vyose. Kuva ku vyo duheruka kwiga murazi uwo ariwe. Ariko ikibabaje, ni uko yari nyina wa ba maraya. Aha nyene ni hoyatanguriye, i Roma, ari nk'umurwa w'abakristo, w'abigira abakristo.

92 Nimwumve!Imana imfashe kugira ndabibumvishe! Umurwi w'Abakristo mw'Ishengero nk'iri.Bahindutse abagendera mu migenzo n'abataco banezwe, bishira ku ruhande mazeumugwi barimwo bakawugira idini. Kandi hagati y'ikinjana ca cumi n'ica cumi nagatanu, wahavuye wifatanya na Leta. Leta n'ishengero vyacitse iki ? Ishengerogikristo, ryitwa « ishengero katolika ryeranda » (ijambo « katolika » risigura«igikwiye hose » « Ishengero gikristo rihambaye rikwiye hose » Kandi abavuga mundimi bagasemerera, bagakiza n'abarwaye n'ibindi, babise « abirema ibice ». Kandi ivyovyahavuye bijamwo akagobero ku buryoumuntu wese yafatwa ariko arasenga muri ubwo buryo yaca atabwa mu rwoborw'intambwe iyo atinjiye muri Katolika. Kandi urwo ruhamo rwarabandanije no mubinjana bishize. Ariko ishengero ry'ukuri ntiryigeze riherengetera.Ntimushobora kuriherengeteza. Imana yavuze ko rizobaho gushika kw'iherezo,kandi ko azoriha igitsibo c'ubugingo. Ivyo vyarabandanije muri ivyo bihe vyosevy'uruhamo.

93 Hanyuma Maritino Luteri yaraje kugiraabandanye ibihe, maze aca yinjiza ishengero mu gutsindanishirizwa. Habaye iki Luteri amaze gupfa? Baciye bashiraho idini baryitairy'abaluteriyano; baciye bishiriraho inyigisho. Igihe barishiraho bakoze iki?N'ubundi barizanyemwo ivy'Uburoma. Uko nyene ni ko vyagenze!

Ico gihe Mpwemu Yera yaciye avayo kandi Wesileyini we yamubonye. Wesileyi, Whitfield (George Whitfield) n'abandi benshi,Asbury, benshi muri bo bagirishije ibikorane bikomeye vy'amakanguro. Muri icogihe bararokoye abantu. Mu gihe ca Filadelufiya, bagize ikanguro ryarokoyeUbwongereza hamwe na Leta zunze ubumwe za Amerika. Bagirira ibikorane iyo babababomoreye bakabafata nk'abasazi. Mwebwe abametodiste, ivyo mwarabikoze;baragwa hasi kubw'ubushobozi bw'Imana, bagaca babasukako amazi mu maso bagacababahaha akayaga. Ni ivy'ukuri. Kandi baranyiganyizwa ku bwo ubushobozi bwayo kuburyo bari bafise...Bavuga bati: «Batamba nk'umweranda Guy!» Harihoabazungagizwa bakongera bakanyiganyizwa kubw'ubushobozi bwa Mpwemu Yera. Nikahise k'abametodiste. Aho hasohotse aba-Quakers, n'abandi.

Ivyo baciye babigira idini. Biciyemwo Abametodiste, aba n'aba, Abametodistebatanguye n'abandi, ivyo vyaratitutse gushika aho Abametodiste bashaka gukuraijambo «Amaraso» mu bitabo vyabo vy'indirimbo.

94 Umunsiumwe ku mugoroba, mama yarampamagaye ngo nje kuri televiziyo kuraba umupasitoriw'Abametodiste, aho yariko yigisha Rock' n'roll mw'ishengero; aha nyene muriIndiana. Yaravuga ati: «Birateye isoni kubona tutinjije mw'ishengero hakirikare umuziki unonosoye nk'uwo.»

Ni wamurwanizi mu muvugishwa w'ikinyoma! Ni ivy'ukuri! Sinshaka kubatsitaza arikobene Data, ni Ukuri kw'Imana. Notuma ndabababaza gato muri ubwo buryo, maze bikabatumakwiga Ivyanditswe, kandi kumbure nkabasunikira kwiyuzuza n'Imana, aho kubarekango mugume mwijandajandira uburuhiro mukazorimbuka. Kumbure ko mutankunda ubu,ariko umusi umwe, muzongumbira muvuga muti : «Mwene Data Branham, kwari Ukuri.»Ivyo bibera ngaha nyene maze ivyo bintu bakavyinjiramwo. Ni aha nyene. Bibiliyayaravuze ko bazobikora.

95 Hanyuma,inyuma ya Wesley (ni yaba ari Wesley), hakurikiye abapentekote. Baciyebagarukanirwa ingabire, maze batangura kuvuga mu ndimi; haca habaho reroumubatizo wa Mpwemu Yera.

Nink'igihe urutete rumeze. Rubanza kubora. Hanyuma rugatutuza utubabi.Nk'akarorero, mufashe umurima w'ingano. Iryo babi rirakura rikazana umuyange.Ibabi, bari abaruteriyano. Umuyange wari iki? Abametodiste; ka gafu kavamwoutubuto rwari urukundo rwa bene Data, gukwiragiza Ubutumwa bwiza, agafu kavamwoutubuto kagasohoka kaja mu yandi.

N'ivyaremweubwavyo birerekana ibihe vy'Ishengero! Abaluteriyano berekana ukuva mu rwijiji.Abametodiste bazungagiza bongera bakwiragiza urukundo rwa bene Data, imisi yogukwiragiza Ubutumwa bwiza, ca gihe baja kuvuga Ubutumwa hanze... Igihegikomeye kurusha ibindi co gukwiragiza Ubutumwa cabayeho kw'isi cabayeic'Abametodiste. Ni ukuri! ...ushwiragiza agafu kawo kavamwo utubuto.

96 Havuyemwo iki? Agafu karimwo utubuto kavuyemwo urutete. Ni inyigisho y'abapentekote.Urutete rusa neza na neza n'urwari rwaratewe. Si ibabi, si umuyange, ariko niurutete. None ubu, abapentekote batumye urwo rutete rwuzurako ifira, ku buryomushobora kubona urutete bigoranye! Harageze ko ruhanagurwa! Amen! Bakoze iki?Co kimwe n'Abametodiste, hari

uwabagize idini, avuga ati :«Turi Amakoraniro y'Imana.»

Uwundi ati : «TuriAbapentekote b'Ubweranda.»

Uwundi ati : «Turi abanyabumwe.»

«Turi Abanyabubiri. » Kandi hari abiyita uku n'uku,n'ibindi. Oh, ingamiya zifise ipfupfu rimwe, zifise n'amapfupfu abiri, zifiseamapfupfu atatu, n'ibindi. Iwabo barafise amadini mirongo itatu canke mirongoine atandukanye.

97 Bakoze iki? Barushiburiye mu nyigisho y'Uburoma, babatiza umubatizo w'idini katolikary'i Roma. Ndasavye umupentekote wese ko yonyereka muri Bibiliya ko hari umuntun'umwe yigeze kubatizwa mu matazirano ya «Data, Mwana na Mpwemu Yera.» Ndasavyeumusenyeri wese, umukaridinari, umwigisha wese w'Ivyanditswe ngo anyereke ahoivyo vyigeze gukorwa, kiretse mw'ishengro Katolika. Kandi Luteri yaje abizanye,yazanye ikatikisimu n'ibindi. Abametodiste barabandanije. Mwa bapentekote mwe,mwategerezwa kugira isoni! Nimwiyeze! Nimugaruke kw'Ijambo! Nimwihane, ahandiho Imana izokuraho igiterekwako itara canyu ari wo Muco mufise. Amen!

98 GukurahoMpwemu Yera kandi ari We murongozi maze bagahabwa umurwi w'abantu berandakugira ngo baganze abanyeshengero...Ntibaheze ngo babite «Abapasitori, abungere»(twategerezwa kwitwa Abapasitori; ijambo Pasitoririsigura umwungere), ariko ngo: «datakaridinari, umusenyeri mukuru, umugenduzi mukuru.» Abagororotsi baravyanka:Kandi Imana yarabashigikiye mu kuvuga iti : «Na jewe nyene ivyo ndavyanka!»Kubera ko ari Yo mugenduzi mukuru, umusenyeri mukuru, umupapa. Ikorana n'umuntuwese; ntikorana n'idini, ariko ikorana n'abantu.

Ubu rero,hari ikintu gitangaje... Nimwumvirize kubera ko tugira turangize. Dusigajeumurongo umwe.

99 Ahaturabona intango y'umutegekere w'abakatolika, ingene intumwa zagiyezikurikirana. Nibangahe bazi ivyo? Urukurikirane rw'intumwa! Abakatolika baravuga bati : «Unomusi, papa ni we yasubiriye Petero, ni uko intumwa zagiye zikurikirana.» Ivyontibibaho! Bivuye ku kwifuza kwanyu kw'umubiri n'igitsina, bishobokagute...Bishoboka gute ko Esawu na Yakobo bavutse kuri se na nyina b'aberanda,maze umwe akaba yarizera, uwundi na we akaba yarimwo idayimoni? Murabibona?Bishoboka gute? - Kubera ko icaha ari icaha, kandi igitsina na co kikaba ariigitsina, ariko Imana ni Yo itanga ukuvuka.

Imanayadutoye kuva isi itararemwa. Mwari mubizi? Rindire tuzotangure gusoma ivyoabize ivya kahise banditse, maze muze murabe ingene Ireneyo... ingeneyashimagije Imana yuko yamutoye imbere y'uko isi

iremwa; ingene wa mwerandaMaritino n'abandi bose bataziriye Imana. Mu kuvuga ivyiwe, bavuga bati :«Yatoranijwe isi itararemwa.» Ni Ivyanditswe. Abo bene Data bari ku ruhanderw'Imana. Ariko iryo shengero ry'umuzitanya ryabonetse inyuma y'imyaka 1500 y'ibihevy'umwiza, maze rica rinyoha vyose, nk'itara rihisha Umuco, kubera ko rizanaimyotsi. « Ariko hageze ku kagoroba, hazoba umuco.» Ni ko Uhoraho agize.

100 Uko intumwazagiye zikurikirana, abapapa bakurakuranwa, kandi yategerezwa kuba akomoka mumiryango ivamwo abapapa kugira ngo ashobore kuba umupapa. Oh, ni ubupfu! Siumunyeshengero, si umugororotsi canke umweranda... Ariko ni Abapatiribabasabira bagaheza bakabakura mu vyaha, babaharira ivyaha vyabo, kandibakabarihisha mu kwirega.

N'Abaporotibakora uko nyene! Barakurikira umupasitori, maze bakigenza nk'abandi bose b'isi. Kandi na weata co abarusha mu vy'Imana... abagumiza mw'ishengero ryiwe kandi akabitaabanywanyi b'ishengero ryiwe; mazeakabagumiza muri ryo agaca amenyesha ko mwakijijwe. Ese ukuntu bazokwicuza kuriwa musi, ni batavuka ubwa kabiri! Mutagira Mpwemu Yera, murahona. Nta n'umweyoshobora kuvuga ko «Yesu ari Kristo», atabivugishijwe na Mpwemu Yera.

101 Ishengeronyakuri ry'i Efeso ntiryahenzwe na ya majambo y'ubwenge kandi asosa. Ivyobaravyanka. Ntibahenzwe, bari babizi; Ishengero nyakuri ntiryahenzwe.

Abo bantubitwa Abanikolayiti bari bafise uguhishurirwa kw'ikinyoma, kutari guhuyen'Ijambo ry'Imana. Mbarire aho mwigeze mubona muri Bibiliya bigisha kwirega kwapatiri. Muri Bibiliya ni hehe mwigeze mubona bigisha gusukwako utuzi kugira ngo ivyaha biharirwe? Ni hehe mwigeze mubonaumuntu abatizwa mu matazirano ya «Data, Mwana na Mpwemu Yera» kugira ngo aboneguharirwa ivyaha vyiwe? Ni hehe hari uyu murongo ngo : «Guha ukuboko umuntukwerekana ko mufatanije maze ugaca ushira izina mu gitabo c'ishengero»? Ubwobupfu bwose mubusanga he? Ni ibiki? Ivyo biva mu gipatiri, mu mugwiw'abarongozi badahuje n'Ijambo; ni Abanikolayiti, kandi Imana yavuze iti :«Ndabanka!» Ni mugaruke kw'Ijambo! Oh, ndazi ko bigoye bene Data, ariko siikosa ryanje! Ni abe ari We mubibaza.

102 Uguhishurirwakw'ikinyoma kudahuye n'Ijambo; bitwa : «Ababeshi, intumwa z'ibinyoma,abavugishwa b'ibinyoma.» Ariko Ishengero nyakuri ryumiye ku nyigisho y'inkomokoya Paulo no ku mubatizo wa Mpwemu Yera, biherekejwe n'ibimenyetso kandi vyemezaIjambo Paulo yigishije. Amen! Nimunyereke aho Imana yemeza ukubatizwa usukakoutuzi! Nimwahana ukuboko gusa na Pasitori, izina ryanyu rikandikwa mu gitabomaze mukabandanya munywa inzoga, mubesha, mukina amakarata, mukunda kwinezereza,nimunyereke aho Imana izovyemeza mu gutanga ukuvuga mu ndimi n'ibintu vyizacane. O tugirire imbabazi. Bagenzi, ni abavugishwa b'ibinyoma b'abanyamubiri.Nta nkeka!

103 Inziray'Imana ni iyera. Ingingo zose z'umubiri wa Kristo ziri hano zibimenye : Imanantizemera ikimazi canyu mutabayeho ubuzima bwejejwe. Ni ukuri. Umuherezimukuru, imbere y'uko yinjira kugira ngo atange ikimazi, yategerezwa kuba ariuwera, yishikaniye Imana, yarobanujwe amavuta, amota neza n'ibindi, imberey'uko anabasha kugendera mu nyonga z"Imana kugira atange ikimazi. Ni ukuri?None mushobora gute kubesha, kwiba, gusakuza, mugatata n'ababanyi n'ibindivyose, mukigenza nk'uko mubigira, mugaheza mukaza muvuga muti : « Ewe MwamiMana!

Amashimwe abeaya Yesu! Haleluya!»

Bavugabati : «Narababonye bavuga mu ndimi.» Ivyo ntibisigura ko bafise Mpwemu Yera. «Narabumvise bavuza urwamo. » Ivyo ntivyama bisigura ko bafise Mpwemu Yera.Mpwemu Yera, ni Ubugingo.

104 Bibiliyaivuga iti : «Akenshi imvura igwa kw'isi, kugira ngo iyitegure, iyigire neza.»(Abaheburayo 6), « ariko iyo imezemwo amahwa n'imikere… haba hageze ko ihebwa,uburuhiro igaturizwa umuriro. »

«Izubaryakira ababi n'abeza. Imvura igwira ababi n'abeza » Imvura iza kugira ikuzeumurima w'ingano, ariko kandi iba ije no gukuza ivyatsi bibi vyose biri mumurima. Iyo ingano zibuze amazi, n'icatsi kibi kiba kibuze amazi. Kandi amaziavomera ingano ni yo nyene avomera n'ivyatsi bibi. Urugano rutoyi ruzoraramuraumutwe rusemerere ruti : « Umwami ashimwe ! Haleluya ! Haleluya ! Ndanezerewecane kuba ndonse ino mvura ! » Icatsi kibi, na co nyene kizosemerera giti: «Imanaihabwe icubahiro ! Imana ihabwe icubahiro haleluya ! Ndanejerejwe cane nokuyironka ! »

« Muzobamenyera ku vyo bama. » Ni ukuri ! « Muzobamenyera ku vyo bama.»

105 Ubu reroreka dusome ku murongo wa 7, ni wo wa nyuma wa kino gihe c'ishengero, hanyumaturarangiza. Turarenzako iminota itanu canke cumi. «Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abgira amashengero. Unesha, nzomuhakurya ku vyamye ku giti c'ubugingo kiri muri Paradiso y'Imana.»

Murabonabagenzi, uko ni ko mukwiye kunesha. Mutegerezwa kubanza kunesha hanyumamukabona kurya ku vyamye. Kunesha ! Muribuka inyigisho yacu yo kuri wa musi kumugoroba ? Yohana vyamusavye ko yinjira muri Mpwemu imbere y'uko agira icoabona. Mushobora gute guhagarara aho muvuga muti : «

Namba atari umubatistesindamwumviriza ! » « Namba atari umuperesibiteriyano sindamwumviriza ! » ? «Atigishije ibihuye neza n'ivyo idini ryanje ryigisha… » Ntimuba murikomuranesha, ntimuba murinjira muri Mpwemu. Muba mwapfuye.

Injire muriMpwemu maze muvuge muti : « Mwami Yesu, ndagukunda, mpishurira ivyo vyose ubonabikwiriye ko umpishurira. Ubindonse ! » Uko ni ko mutunganya urugendo rwanyu.

106 Mumenye ko Bibiliya ivuga igiti c'ubugingo incuro zitatu mw'Itanguriro n'incuro zitatu muVyahishuriwe Yohana. Ivyo twarabibonye ubushize. Muravyibuka ? Ejo, kuw'iyinga… wa murwanizi aranka icanditswe cose, ariko ico yanka kurusha vyose,ni Itanguriro n'Ivyahishuriwe Yohana. Igitabo c'Itanguriro agihora ukurikukirimwo, kuko ashaka ko abantu bizera ko kivuga ibinyoma, ngo : « Ivyabayemw'Itanguriro ntivyabaye nk'uko Imana yabivuze, ivyaremwe n'ibindi vyosevyavuye ku kindi kintu. » Uko ni ko akirwanya. Kandi abantu abigiza kurey'Ivyahishuriwe Yohana, kuko bihishura ko Yesu ari We Mana, ko Satani ariidayimoni, ko yaciriweko iteka ; bihishura ubwiza bw'Ishengero n'uko ababeshibose n'abakora uko bigombeye bazotabwa mu kiyaga caka umuriro. Ntibitangajekubona abibigiza kure. Ariko mwibuke neza ko muri ivyo Bitabo bibiri,havugwamwo Igiti c'Ubugingo kiri muri Paradiso.

107 Reka ibitubirabe akanya gato : « igiti ». Muri Yohana, igice ca 6, namba mugombakuhandika, Yesu yavuze ati : « Ni JeweMutsima w'Ubugingo.» Muvyibuke!

Turajakwishimikiza aho hantu habiri nk'ikigereranyo neza na neza imbere y'ukoturangiza. I buryo bwanje, ni igiti co muri rya tongo citwa Igiti c'Ubugingo, ibubamfu, ni igiti co muri rya tongo bita igiti c'ubumenyi. Ni bangahe bazi yukoBibiliya ivuga ko hariho Igiti c'Ubugingo n'igiti c'Ubumenyi ? Umuntuyategerezwa kubeshwaho n'ico Giti c'Ubugingo, agaheza ntakore ku gitic'Ubumenyi. Ni vyo ? Kandi umusi wa mbere yakiriyeko, yaciye yitandukanyan'Umuremyi wiwe. Agitamira ubwa mbere ku giti c'Ubumenyi, yatakaje ugufatanyakwiwe hamwe n'Imana. Ubu rero nimuvyiyumvire neza ! Kandi kuri mwebwe muriko murandika,ndaja kubaha umwanya wo kubikora kuko sinshaka yuko ivyo bibacika.

108 Muri Yohanaigice ca 6, Yesu yavuze ko bakengereye ca Gitandara co mu buryo bw'impwemu arico cari isoko ba sekuruza banyoyeko. Yavuze ati : « Ndi ca Gitandara cari mubugaragwa. »

Baravuzebati : « Uvuga ko wariho imbere y'uko Aburahamu abaho, wewe utarenza n'imyakamirongo itanu! Uvuga ko wabonye Aburahamu ? Ubu rero twamenye ko uri umusazi, kouri idayimoni ! » Murabibona?

Yaciye avugaati: «Imbere yuko Aburahamu abaho, NDIHO !» NDIHO yari kumwe na Mose muri cagisaka caka umuriro ; umwe NDIHO. «Imbere y'uko Aburahamu abaho, NDIHO ; atari"nari ndiho".

Kuri mwebwemuvuga ko imisi y'ibitangaza yarenganye, uwo murongo mwowugira : « Ndi Nariho ahambaye. » Murabitahura ?

Atari « Narindiho » canke « Nzobaho » ; ariko « NDIHO » ni ukuvuga ibihe vyose. Ni Uhoraho.Ijambo « NDIHO » riserura iciyumviro co guhoraho mu bihe vyose vy'ishengero, mubihe vyose ; turisanga mu biterekwako amatara ndwi vy'izahabu, muri burishengero, aho ari ho hose ; mu mutima uwo ari wo wose. « NDIHO » (atari «Narindiho » canke « Nzobaho »). « Uko nahoze ndi, n'ubu nyene Ndiho » Murabibona ?« Na ntaryo, NDIHO. »

109 Barishuye bati : « Wewe, ntitukuzi. Tuzi yuko uri idayimoni. Ba sogokuruza baririye Manumu bugaragwa imyaka mirongwine. »

Ariko Yesuarabishura ati : « Ariko bose barapfuye. » Ni vyo koko ? Bose barapfuye. Ariko: « Ni jewe Mutsima w'Ubugingo uva ku Mana kandi wamanutse uvuye mw'Ijuru.Umutsima w'Ubugingo ! Ni hagira uwurya kuri uwo mutsima ntazigera apfa. »

«None uwomugabo agira aduhe umubiri wiwe ngo tuwurye? Arasara nta nkeka ! »

Umutsimaw'Ubugingo wava ku giti c'Ubugingo, ico baryako mw'Itongo rya Edeni. Ni We yarica Giti c'Ubugingo. Ariko, namba igiti c'Ubugingo ari Umuntu, rero igitic'ubumenyi na co ni umuntu. Vuge reroko inzoka itari ifise urubuto ! Namba ubugingo bwazanywe n'Umugabo, urupfurwazanywe n'umugore. Ego, ni we yari ca giti c'urupfu.

110 Kuva inzoka imwanduje (ni co inzoka yakoze), yavuze ati: « Inzoka yampenze. »Ni ukuri. Si icikwega hasi ! Inzoka yarusha ubugunge ibindi bikoko vyose, ni yoyari hagati y'inguge n'umuntu. Urubuto rw'igikoko ntirushobora guhuran'urw'umugore, ivyo nta co vyotanga ; ariko ico caremwe cari « ca caremwebabura ». Kandi Imana yarakivumye cane ku buryo yatumye kigenda gikwega indahasi, ata maguru, ikurako amagufa yaco yose maze igihinduramwo ikintu ata hogifitaniye isano na rimwe n'umuntu. Ubushakashatsi burageragezza gutora ivyo mu buryobwo gucukura ibisigarira. Ariko ivyo biranyegejwe mu mabanga y'Imana, hagatimw'i Paradiso y'Imana. Ng'ico ico ari co uguhishurirwa!

111 Umugoreyavyaye umwana w'umuhungu w'imfura ari we Kayini (si vyo?) umuhungu wa Satani.Bitari

uko, iki kibi cose covuye he? Kuri Adamu kandi yari umuhungu w'Imana?Kiva kuri wa mubi, se wiwe. Kandi yari umwicanyi, umwicanyi wa mbere yabaye wamubi, umuhungu wa wa mubi.

Nimurabeivyabaye inyuma y'ivyo. Itegereze uruvyaro rwa Kayini. Kuva kuri urwo runganwe,n'inyuma ya Kayini, bose babaye abahanga n'abantu bahambaye. Some Bibiliya!Barubaka amazu, barahingura ivyuma, bari abahanga. Ariko abava kuri Seti bose(Abeli yari yapfuye, ni igitutu ca Yesu ; Abeli yarapfuye, maze Setiaramusubirira : urupfu, uguhambwa n'ukuzuka)… kuri we hakomoka abarimyi baciyebugufi, n'abungere b'imikuku.

112 Yesu yavuze ati : « Ba Sogokuru banyu barira Manu mu bugaragwa, kandi bose barapfuye. Arikojewe, ndi umutsima w'Ubugingo. » (Uwuhe mutsima w'Ubugingo? Umwe wari muriEdeni!) « Iyo umuntu ariye kuri uwo mutsima, ntazokwigera apfa. » Imana yashize umumarayika i ruhande y'icogiti c'Ubugingo kugira abuze ko hagira umuntu n'umwe agikorako, kugirantibahave barya kuri ico giti maze bakabaho ibihe bidashira. Mbe ni ivy'ukuri ?

Kukobategerezwa kubandanya barya kuri ca giti kindi maze bagapfa. Kukoigihe cose bategerezwa kukiryako, barapfa. Kandi nta nkeka ko muzopfa bitewen'uko muzoba mwariye kuri ico giti c'ubumenyi… ubu naho twitegereze ico gitic'Ubumenyi. Rabe ico cakoze ; nimurabe ico gitanga : Agafu k'ubumara bw'inkohokakozwe kubera co. Bwishe abagenzi bacu. Ni ivy'ukuri ! Baricana hakoreshejweako gafu k'ubumara kavuye ku giti c'ubumenyi. Ico twakoze hanyuma, twakozeimodoka ivuye ku giti c'ubumenyi. Irica kurusha ako gafu. Oh ego ! Ubu, dufiseibombe y'umwuka witwa Idorojene. Nta na kimwe Imana yonona, umuntu ni we ubwiweyisamburirako akoresheje ubumenyi bwiwe.

113 Ariko ivyovyose bigabwa n'Imana, Imana izomuzura ; nta na kimwe

Imana itakaza. Yesu yarabivuze, ni ukuri: « Uwurya kuri uwo Mutsima afise Ubugingo budashira, kandi nzomuzura ku musiw'imperuka.» Ni isezerano ryiwe.

Baguma baryaku giti c'Ubumenyi kandi bapfa. Ariko iyo bashobora gushikira ca Gitic'Ubugingo, bobayeho ibihe bidashira.

Ubu rero, hakohashirwaho umumarayika kugira yigize abantu kure y'ico Giti, harihoabahagurukijwe kugira babarongore babajana kuri ico giti ; abamarayikab'amashengero : « Ni ica bose », bazana abantu mw'Izina rya Yesu Kristo, WeGiti c'Ubugingo gihagaze mw'iparadiso y'Imana.Oh, ndizigiye ko mubitahura!Igiti c'Ubugingo gihagaze hagati mw'i Paradiso y'Imana kugira ngo mushobore kukironkako umugabanen'ugucika umuhungu n'umukobwa w'Imana, maze mukabaho ibihe bidashira. « Uwumva Ijamboryanje, akizera uwantumye, ni we afise ubugingo budashira, kandi ntazoshirwa murukinja, ariko aba avuye mu rupfu, ashitse mu bugingo. »

114 Mwene Data,mushikanje, nta nkeka yuko nakevye mu nyama nkaba nabakomerekeje. Si yo yarintumbero yanje. Imana irabizi, Murabibona ? Ariko ntegerezwa gukora uko kugiramubone ivyo turimwo. Sinibaza ko dusigaje igihe kinini turi muri iyi si.Singerageza kubafata ko mutari abakristo ngo n'uko muri mw'idini. Si ivyo.Abantu bagwa mu mporero bazira ibihe bacamwo. Ntibazi ico bokora ; ivyoabavyeyi babo bamye bakora, kwabaye ukwifatanya n'idini.

Ariko, mweneData, imbere y'uko duheraheza, munkundire ndabahe ikindi Canditswe. Uwuvugishwan'Imana yavuze… Murizera abavugishwa n'Imana ! Bibiliya itegeka ko mubumvira.Uwuvugishwa n'Imana yavuze ati : « Hazoba igihe kitari umurango, ntikiben'ijoro, ariko uzoba umusi w'ikibunda. Ariko hageze mu kagoroba, imbere gatoyiyuko izuba rirenga, hazoba Umuco. » Mbega ni ivy'ukuri?

115 Itegerezeivyo twaronse. Rabe gusa…dukurikije ivy'indondabihugu, izuba rirasira hehe? MuBuseruko, si vyo ? Rikarengera mu burengero. Nzofata ikarata y'indondabihuguejo nongere ndabibereke. Igihe Mpwemu Yera yamanuka i Yerusalemu, amakanda yiweyacapuye umunani wugaye. Yaduze atumbereye neza na neza muri Irlande, ubwonyene aca arahindukira, hanyuma yaciye agenda agana ku nkengera y'uburengero,ngo yongere amanuke : aho Ubutumwa bwiza bwaciye bwacapuye umunani wugaye.Iterambere ryakurikiye izuba. Ivyo ni bangahe babizi ? Barabibigishije kandimurabizi. Iterambere rya kera cane dufise ni iry'Ubushinwa, hanyuma ryaciyeritandukira ubwo nyene ibihugu vy'Ubuseruko. Kandi igihe Mpwemu Yera, atariizuba, ariko Umwana [Aha hariko hakoreshwa amajambo « Sun » (izuba) na « Son»(Umwana w'Umuhungu), avugwa co kimwe mu rurimi rw'icongereza—Umus]

116 Iyo izuba ritanguye kuzimanganya igipfungu n'ibicu vyo mw'ijoro, urubuto ahorwoba ruri hose, ruzobaho ; kuko ibiterwa vyose bibeshejweho n'izuba. Turabizi.Mushobora gusuka isima kuri kwadarato imwe y'ivyatsi ; mu gatasi gakurikira, nihehe hari ivyatsi biboneka ari vyinshi ? Ku mpande z'isima. Kubera iki ? Niburya buzima buri munsi; ntawohisha ubuzima nyakuri. Ubwo bugingo n'aho bwobabuto, bumenye ko izuba ririko riraka hanze, buzokwicira inzira hagati muri iyobeto, buzunguruke iyo beto gushika aho buzoserura umutwe buwurabishije mukirere, buheze bushime Imana.

Nta wushobora guhisha Ubugingo ! Niivy'ukuri. Ubugingo ! Iyo muvutse ubwa kabiri, ntimushobora

kubihisha. Harihoikintu gitegerezwa gusemerera, iyo mufise Ubugingo.

117 Ibintu vyose vyapfuye ubu… utubuto dutoduto twarisambuye, intimbatimba irasanzara maze irapfa, ariko ubugingo bugumaho.Iyo izuba ritanguye kwaka mu gatasi, udushurwe duca tuja ahabona, maze vyosebigatangura gusohora umutwe (bivuye munsi y'imborera, munsi y'ibishitsi, munsiy'amabuye) bigasokoroka bikongera kuba bizima ubundi busha. Si vyo? Kuko izubaryatse.

Umusi umwe, Wa Mwana w'Umuhungu, Wenkomoko y'Ubugingo budashira, azokayangana kandi azoba ari kumwe n'ivyamezemuri We bimerera Ubugingo budashira ; yavuze ati : « Nzomuzura ku musiw'imperuka ! » Murabona ico ngomba kuvuga ? Ubugingo budashira buzongera guserukamu misi y'iherezo. Babahamvye mu kiyaga, baturiye umubiri wanyu kugirabasanzaze umunyota wawo mu miyaga ine y'isi, Imana izowuzura ku musiw'imperuka. N'aho vyosaba ko muribwa n'intambwe ishonje, canke mugatabwa mukiyaga caka umuriro, kizozimanganya ibigize umubiri wanyu uko ari 16, imicoy'isi n'ibindi, Imana izowuzura. « N'imishatsi wo ku mitwe yanyu yarayiharuye.» Amen ! Imana izomuzura!

Ubu rero nimurabe ngaho. Namba umuntu weseapfa kubw'umugore, rero umuntu wese abaho kubw'Umugabo. Uwavyawe n'umugoreafise umugabane kuri kamere yiwe, kandi murazi ko azopfa. Nta kundi, muzopfa.Kandi muriye ivyamye kuri ico Giti muzobaho ; nta bundi buryo buriho, muzobaho.Amen ! Namba kirya kindi kizana urupfu ata nkeka, rero iki coco nta nkeka gitangaUbugingo. Uburyo bumwe bwonyene bwo guhabwa Ubugingo, ni kugira Ubugingo.

118 Uwuvugishwan'Imana yavuze ati : «Hageze mu kagoroba, hazoba umuco. » Nimurabe. Yavuze kohazoba umusi uzoba ari ikibunda, utazoshobora kwita umurango canke ijoro. Umusiurimwo ibice, igipfungu n'ubukonje, ariko n'aho biri uko, wa Mwana azotangaumuco. Kure hejuru y'ivyo bipfungu, y'ivyo bicu n'ibindi, wa Mwana aratangaUmuco. Aratanga Umuco ukwiye kugira mushobore kugenda, no kugira mubone iyomuja n'ibindi, ariko naho biri uko, si umusi ukeye kandi usa neza. Murabibona ?Uwo musi ubuzima buzoba bumeze nk'aho budashoboka.

Nimwateraico ari co cose aho izuba ridashika, ico kizoca kizingama. Si vyo?Ivyo murabizi, mwebwe abarimyi. Nimurime ingano mu gitutu, canke ahantu hamezenk'aho : rabe, ntizishobora gukura. Fred, ivyo utegerezwa kuba ubizi ku nganozawe. Murazibibaho, kandi ici ni ryaba rikonje kandi ririmwo imvura,ntizizokura.

119 Rero, ni yongorane Ishengero ryagize muri ivyo bihe vyose vy'Ishengero, ryarazingamye.Amadini yararizingamitse. Ngo : «Ni wandike izina ryawe mu gitabo. TwarahaweUmuco ukwiye kugira tumenye ko hari Imana.» Ndabinezerererwa. «Twarahawe umucoukwiye kugira ngo tumenya ko Kristo ariho, kandi hari urubanza rugiye kuza.Twarahawe Umuco; mu bitabo, twakoranye mu ntoke na Pasitori, n'ibindi, kanditwakoze ibi na biriya.» Neza cane, ariko ubu, ni ku kagoroba.

Iterambereriva mu buseruko rija mu burengero, none ubu, tugeze ku nkengera y'uburengero.Ntidushobora kurenga aha; hamwe twojabuka ikiyaga, tuzoba dusubiye mu buseruko.Ntidushobora kurenga aha, turi ku nkengera y'uburengerazuba.

120 Bibiliyairavuga ngo : «Hageze mu kagoroba, hazoba Umuco.» Ku mugoroba, haka izubarimeze gute? Ni izuba ridasa n'iriseruka mu gitondo? Ni rya zubanyene! Si ivy'ukuri? None, Imana yasezeranye iki? Mu gihe cacu, turahashitse,turi muri iki gihe. Ni Bibiliya yabivuze; nzobigaragaza uko tuzogenda twigiraimbere muri ibi bihe vy'Ishengero, ko: « mu gihe co ku kagoroba, hazoba umucouzorasira mu burengero kandi uzozana izuba ry'Ubugororotsi rifise ugukiza mumababa yaryo. Kandi vya bimenyetso na vya bitangaza nyene vyabonetse hariya mubuseruko bizongera kuboneka mu burengero; hamwe n'ugusukwa kwa Mpwemu Yeraukundi gusha mu gihe ca nyuma. »

Hageze ku kagoroba, hazobaUmuco,

Nta nkeka muzobona inziray'Ubwiza;

Gucamu mazi ni wo Muco w'iki gihe, Muhambwemw'Izina ry'Igiciro rya Yesu.

Yemwe abakiri bato namweBasaza,

Nimwihane ivyaha vyanyuvyose,

Niho rero ata gukekeranya

MpwemuYera azoba muri mwebwe;

Umucowo ku kagoroba waraje,

Ni koko, Imana na Kristo ni umwe!

Peteroyavuze nk'uko nyene ati : «Nuko abo mu muryango wa Isirayeli bose, ni bamenyebadakekeranya yukw'Imana yamugize Umwami na Kristo, Yesu umwe mwabamba.Nimwihane,

umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, muboneguharirwa ivyaha vyanyu.»

121 Rekandababwire ikintu kimwe. Wa musi nari ntanguye kuvuga ku rupapuro ruriko imitiMuganga yanditse. Abantu ntibakunda gufata imiti nk'uko muganga yayanditse.Aguhaye umuti wo kuvura indwara urwaye, hanyuma ukanka kuwufata, uciye upfantiryoba ari ikosa rya Muganga. Haba na mba! Riba ari ikosa ryawe kuko wansekuwufata.

Iyo umugangaakwandikiye imiti, urwo rupapuro yakwandikiyeko imiti ukarushira umudandajiw'imiti atabinonosoye hanyuma agashiramwo ikintu kitari gikwiye kujamwo, n'icona co kizokwica. Mbega si ivy'ukuri? Uwo muganga aba yaragize ivyigwa kugirango amenye uburozi bwokwica iyo ndwara ingene bwongana, kugira ngo bwiceimigera yose iri mu mubiri wawe; kandi akamenya ivyo awushiramwo bikwiye kugirango ntibukwice. Ni ukubishira ku rugero rukwiye. Nimwashirayo ibirwanya uburozivyinshi; nta co muzoba mufashije uwurwaye; mushizemwo uburozi bwinshi, muzobamumwishe. Bitegerezwa kuba ku rugero rukwiye.

122 Ikibazo cavuga ngo: «Mbega i Gileyadi ntihariyo umuti wo gusomora? Ngaha nta mugangaariho? Uwuvugishwa n'Imana ni ko yabajije. None ni iki cabujije indwaray'umukobwa wanje gukira?» Ishengero rifise ingorane ki? Ni iyihe ngorane itumahaba amashengero menshi arwaye? Ni ukubera habayeho abatanga imitibatabinonosoye, batanze nabi imiti muganga yanditse. Ni ivy'ukuri. Ntiyigezeavuga ngo : « Data, Mwana, Mpwemu Yera. »

Ni uwuhemuti Muganga yanditse? Umve uko Petero avuga. Ni bangahe bazi ko Petero yariafise impfunguzo z'Ubwami? Yesu yarabivuze. Yavuga iki? Mu yindi mvugo, yaratoyeikaramu kugira yandike umuti.

Igihe bumvaurwo rwamo rwose hariya (barasemerera, bakavuza akamo, baravuga mu ndimi, barimu bihe bidasanzwe), abantu baciye bavuga bati: «Abo bantu baraborewe igisama.»

Ariko Peteroarabishura ati: «Ntibaborewe igisama, nk'uko muvyiyumvira, kuko ari isahazitatu zo mu gitondo. » Ariko ni ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana Yoweli, ati :«Muri iyo misi, ni ko Imana igize, nzosuka Mpwemu wanje ku bari n'umubiri bose.Abahungu banyu n'abakobwa banyu bazovugishwa nanje. Nzoshira utwumiza kw'ijuruno kw'isi, umuriro, ugupfunduka kw'umwotsi, n'igipfungu. Ico gihe,uwuzokwambaza izina ry'Uhoraho wese azokizwa.»

123 Ikigeretseko,yaravuze kuri Dawidi ati : «SogokuruDawidi yarabivuze, avuga ati : N'umubiriwanje uzoruhukana ivyizigiro, kuko utazoreka ubugingo bwanje ngo buje i kuzimu,kandi ntuzokundira Uwera wawe ngo aze abore... Bagabo bene Data, si ikingorakubabarira mvyeruye ivya Sogokuruza mukuru, yuko yapfuye, agahambwa, n'imvayiwe iri ngaha ino muri twebwe na bugingo n'ubu. » Murabibona? «Nuko kuko yari uwavugishwa n'Imana,akamenya kw'Imana yamurahiye indahiro, kw'izoshira ku ngoma yiwe uwamutse mubura bgiwe, yavuze ivy'ukuzuka kwa Kristo abibonye bitari bwabe, yukw'atarekewemu kuzimu kandi n'Umubiri wiwe ataho wigeze ubora». «Ni mubimenye, umwe Yesu mwabambisha amaboko akora ikibi, Imana yamugizeUmwami na Kristo. »

Bumviseivyo, bacumitwa mu mitima, maze baravuga bati : « Mugabo mwene Data, MugangaSimoni Petero, twandikire umuti. Ivyo twobironka gute? Dukeneye umuti w'icaha.» oh!

124 Nimwumveivyo avuga. Muraja kubona aho ayo madini yatereye inzira. Yaciye avuga ati: «Rorera akanya gato! Ngirandabandikire umuti, kandi uzoba ari umuti uhoraho. Uzoba ari uwanyu n'abanabanyu, hamwe n'abari kure bose, abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu.»

Yavuze iki?Yageze ko hakorwa iki? Uko Abakatolika bakora? Uko Ababatiste bakora? - Bosehari ivyo bagiye bongerako canke bakurako. Barongeyeko bongera barakurako.Ariko yavuze iki? « Nimwihane, umuntu wesemuri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu,kandi muzohabwa ingabire ari yo Mpwemu Yera. » Umuti uhoraho! «Ni uwanyukandi ni uwo abana banyu; ivyo bizobandanya mu bihe vyose vy'ishengero :nimuwuhe bose.»

125 Ewe Mana,eza ibiganza vyanje. Eza umutima wanje, Mwami. N'aho ivyo vyonkurako abagenzibose mfise, mpa gutanga umuti nk'uko Muganga yawanditse.

Ni cogituma hari amashengero menshi yapfuye, n'abayagize benshi barapfuye.Mwongerako ibirwanya uburozi buri mu Muti canke mukagira ivyo mukurako, kuburyo umuti utakiri uko wari uri, nta co uzokiza; gukorana mu minwe, kwifatanyan'ishengero, gusuka utuzi ku mutwe. Oh, munyakigongwe, si wa Muti, ni urupfu!Namba mugomba Ubugingo, namba mushaka Mpwemu Yera, nimukurikize ivyo Imanayavuze. Fate wa Muti! Neza na neza ivyo ni vyo yavuze, ati : « Ntihagire icomuwongerako canke ngo muwukureko.» Rero kuri ivyo, Ivyahishuriwe Yohana bicabiza bivuga biti : «Nihagira umuntuazokwungurira kuri yo, Imana izomwunguka ivyago vyanditswe muri iki Gitabo.Kandi nihagira umuntu akura ku majambo y'Igitabo c'ibi vyavugishijwe na Yo,Imana izomukura ku mugabane wa ca Giti c'Ubugingo no ku wa wa Murwa wera,vyanditswe muri iki Gitabo.» Oh, ni Umuganga Mukuru! Ndamukunda.

Mweho?

126 Oh,ico gihe ciza, ari na co ca Efeso, aho ubwo buzimire bwatanguriye kunyegetera,kugira bagire amadini! Kandi Abapasitori n'Abadiyakoni...si Abapasitorin'Abadiyakoni, ariko abakaridinari, Abasenyeri, Abapapa, Abahagarariye idini nibo babwira Mpwemu Yera, babwira ishengero bati : «Ivyo ntitubishaka ngaha».Ariko none umukuru ni nde?

Ivyobarigeze kubibaza Petero. Yarishuye ati : «Hazogera igihe mutazoba mucigishamw'Izina rya Yesu. Mushatse muzovuga Ubutumwa ariko atari mw'Izina rya Yesu. »Oh, ese ukuntu umurwanizi yanka iryo Zina!

Bibiliyairavuga iti : « Petero, yuzuye…(yuzuye idini?) - yuzuye Mpwemu Yera, yavuze ati: Rindira gato, ngiye kuraba umugenduzi mukuru kugira ambwire ico ntegerezwagukora kijanye n'ivyo!»

127 Rekandababwire. Murazi yuko Amakoraniro y'Imana afise umuganga w'indwara zo mumutwe? Bazana abavugabutumwa babo imbere y'uwo muganga kugira arabe ko bakomeyemu mutwe ku buryo bashobora kuba abamisiyonari! Amakoraniro y'Abapentekotey'Imana! Ni bangahe bavyumvise? Birazwi, bose barabizi. Murabibona? Ni ndeategerezwa gusuzuma umumisiyonari kandi akaba umucamanza, ni muganga w'indwarazo mu mutwe canke Mpwemu Yera? Raba aho ivyo kwishimira umuntu bibageza.Murabona, ni ivyiyumviro vy'abantu, inyigisho z'abantu! Rorera dushike kuri icogihe ca Pentekote! Imana izobitongora nk'ibindi vyose. Nta nkeka! Neza cane!Kandi muzobona ivyo vyose bisha iyo biva bikagera. Murabibona? Ni vyo.

128 ArikoUmusi umwe mwiza, azoza. Kandi mwibuke ko hari ibihe indwi vy'ishengero. Mbegani ivy'ukuri? Hari ibihe indwi vy'ishengero. Kandi mwibuke ko igihe basohokabagiye gusanganira Umukwe, bamwe basinziriye ku muteramyi wa mbere (mbega niukuri?), umuteramyi wa kabiri (rabe, ntibapfuye, barasinziriye); ivyo vyabayeno ku muteramyi wa gatatu, ku wa kane, ku wa gatanu no ku wa gatandatu; gushikaku muteramyi w'indwi, bumva urwamo ngo : « Ng'uyu Umukwe! Ni musohokemumusanganire! » Vyagenze gute? Izo nkumi zose zari zasinziriye zaciyezikangura.

Ahotuzokwumv'inzamba

Z'Umwami wacu Yesu

Bugaca uwo musi urangizakwira

Nih'abakijijwe bo mw'isibazokoranira

Hirya mw'Ijuru bajabutseuruzi

Uwo musiw'imperera

Hazobumburwa'igitabo

Canditswemw'abakijijwe

Mu mazina yab'iryanjeririmwo

YesuDatabuja nzomukorer'umusi wire

Nze namamaz'urukundo rw'Imana

Maze ndangij'ivyondamukorera muri iyi si,

Azonyemerera kuja mw'Ijuru

Ubu reroumwana w'Imana wese ashire amaboko hejuru :

Uwo musiw'imperera

Hazobumburwa'igitabo

Canditswemw'abakijijwe

Mu mazina yab'iryanje ririmwo

Aheza mw'Ijuru

Tuzohurirayobagenzi Aheza mw'Ijuru Tuzohurirayo bagenzi.

129 Murakundaizo ndirimbo za kera z'ishengero? Oh!

Tuzoshimira Data cane

Imbabaziyatugiriye

N'ubuntu bwiwen'urukundo

N'imigishayacuncubuye

Ahezamw'Ijuru

Tuzohurirayo bagenzi

Aheza mw'Ijuru

Tuzohurirayobagenzi

Ubu reromuramukanye n'abo mwegeranye. Ni vyiza!

Tuzoririmbira mw'Ijuru

(muvuge muti : «Tuzongera kubonana mwene Data!)»

Indirimbo z'abahiriwe

Akaririmbo karyoshe (ubu bose bariko barakaririmba

Ntituzongera kubabara

Tuzoba dushiz'amarira

Mwesenimushire amaboko yanyu hejuru.

Ahezamw'Ijuru

Tuzohurirayobagenzi Aheza mw'Ijuru Tuzohurirayo bagenzi.

130 Tucunamitseimitwe, tuvuge ibi :

«Mwami Yesu Kristo ndagukunda. Ndizera ko Yesu Kristoari Umwana w'Imana, Imana yigaragaje yambaye umubiri kugira ikureko icaha.Sinishimira ibikorwa vyanje, nta na kimwe mfise, ariko nishimiye ku mugaragaroivyo Yesu Kristo yakoze, ari We Mukiza wanje, Imana yanje,

Umwami wanje. Ndamukunda.Amen!»

131 Ejo ku mugoroba ni yabikunda, tuzotangura ishengero rya Simuruna.

Aheza mw'Ijuru (tugume twunamitse imitwe)...

Tuzohurirayobagenzi Aheza mw'Ijuru Tuzohurirayo bagenzi.

Ubu reroturirimbe buke buke,

Tuzoshimira Data cane

Imbabaziyatugiriye

N'ubuntu bwiwe n'urukundo

N'imigishayacuncubuye.

MESSAGE hub online

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7

www.messagehub.info